# *Ibinogo Vyase Imigaga*

Mwami, ndizeye, Mwami, ndizeye,
Vyose birashoboka, Mwami, ndizeye.

Reka tugume duhagaze akanya gato gusa maze twunamike imitwe yacu.

2 Mwami Yesu, turiko turagerageza mu buryo bwacu buciye bugufi, kuKwereka, mu kubiririmba, yuko twizeye. Kandi turasaba, Mwami, ngo ubu, Ubandanye kutumanyagurira Umutsima W'Ubugingo, kuduha ivyo dukeneye, bivuye mw'Ijambo ryaWe. Kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

3 Ni mwicare. Ndazi neza, naho twogira, naho novuga gusa rya jambo ryihagije ariryo *amen*, ko imihezagiro ihambaye y'Imana yoguma iri kuri iri koraniro.

4 Nari nicaye kino gitondo nkurikirana neza igikorane, nezerezwa n'ibishingantahe, uburyo butandukanye umwe wese afise bwo kuvuga. Numviriza abaje bashasha, mwene Data w'Umubatista yaje gusaba imbabazi kuba yariyumviriye nabi ivyo gatoyi. Rero ata nkeka nda—ndanezererwa umuntu, umuntu ashobora kugira ubuntu bikwiye, canke—canke kuba umushingantahe bikwiye agasaba imbabazi, iyo yiyumviriye ko yakoze ikosa. Ntiyasavye imbabazi jewe mu vy'ukuri, si jewe yariko arasaba imbabazi, yari Imana. Rero ivyo nda—ndabishima, murabona. Imana ihezagire mwene Data, n'umuvukanyi wiwe w'umuvugabutumwa.

5 Bagenzi, uwo Mubatista, murazi, narigeze kuba uwo mw'ishengero ry'Ababatista na jewe ubwanje. Nari umunywanyi w'Ishengero ry'Ababatista ry'Abamisiyonari. Iyo nshitse mu bantu, ndamenya uko mwiyumva. Nanje niyumvise gutyo nyene, nuzuye nyene ikintu ntari—ntari nzi.

6 Ndibuka igihe ubwa mbere nabonye umupentekoti, hari i Dowagiac, muri Michigan. . . Murantunga, nari i Dowagiac mu rugendo rwo kuroba, nariko manuka mva i Dowagiac, nja muri Indiana. Nuko rero mbona amazina, ya "Yesu" ahantu hose ku miduga n'ibindi, maze nca ndakurikirana ibikorane vyabo uwo musi. Bukeye baransavye ngo nze ku gicaniro, mvuge amajambo makeyi, nca ndabikora. Nca . . . Barambajije ishengero mvamwo, nanje ndababwira ko ndi Umubatista.

7 Kuri uwo mugoroba bari bafise umutama w'umwirabure yari kuvuga ubutumwa, ategerezwa kuba yari yegereje imyaka mirongo icenda, aca araza imbere ku gicaniro. Uwo mutama, vyasaba ko bahakwa kuza bamufashe gushika aho imbere. Yari yambaye bene ya makoti maremare y'abakozi b'Imana, ifise ikoro y'ifurungu, afise gusa akagori k'imishatsi yera izungurutse

ku ruhande. Nca ndiyumvira nti: “Aba bantu bose bari ng’aha kandi b’abanyeteworojiya, abagabo bahambaye, ni gute baretse iki gikorane ngo gihabwe umuntu nk’urya? Vy’ukuri, uyo mutama yategerezwa kuba ari mu ntebe ahantu kanaka, yicaye.”

8 Uwo munsi bari bamye bigisha ku vyo Yesu Yakoze hano kw’isi. Ariko we yatoye, yatoye igisomwa ciwe, nibaza ko hari muri Yobu: 7, 20, tuvuge, sinomenya neza ko ari ico Canditswe. Ariko, ng’uku uko havuga, canke igice ca vyo, “Wari hehe igihe Nashiraho amatanguriro y’isi, igihe inyenyeri zo mu gaturuturu zaririmbira hamwe, maze abana b’Imana bagasesereza impundu z’umunezero?” Aca avuga ku vyabaye mw’Ijuru, mu gihe bo bariko baravuga ku vyabaye kw’isi.

9 Kandi ahantu kanaka, amaze nk’iminota itanu ariko aravuga, we, Mpwemu w’Umwami Yaramumashuye, aca asimbira hejuru mu kirere akomanya ibitsinstiri. Bagenzi, hari ikibanza kinini cane, hari nk’igice c’aha hejuru; aca arahava, avuga ati: “Nta kibanza mufise gikwiye hano novugiramwo ubutumwa.”

10 Nari mfise nk’imyaka mirongo ibiri ico gihe. Nariyumviriye nti: “Namba—namba ivyo bishobora gukorera uwo mutama ivyo, kuri jewe vyokora iki?” Murabona?

11 Mu ntumbero yo kugumiza ikintu cose ku rutonde kubwa bene Data bashasha, abo duhaye ikaze cane mw’isangira ryacu. Ndabona, nizera ko bari bavuze umupatiri yicaye hano, ndibaza; mu bisanzwe, kubwo kuba nkomoka muri Irlande, umuryango wanje ni Abagatolika. Kandi rero hariho n’abandi bakeya, Ababatista n’abandi batandukanye. Mutegerezwa kuba mwazazaniwe gatoya, mu kanya gaheze. Nabonye ata n’umwe muri bene Data yagize ico abivugako, ariko niyumviriye ko nzogerageza kubishira ku murongo. Igihe Mwene Data Shakarian . . . Inyuma y’aho wa muvugabutumwa w’igitangaza ng’aha yuzuriye umunezero amenye ko Ukugaruka kw’Umwami kwegereje cane, ya—yavuze mu rurimi rutamenyekana, kuri twebwe. Kandi turafise abasobanuzi batanga insobanuro. Ivyo, Ivyanditswe bivuga ngo: “Nihaba hatariho uwusobanura, aho rero nibacereze.” Ariko iyo—iyo bavuze mu ndimi zitamenyekana hanyuma zigasobanurwa, bicika ubuvugishwa. Icateye kuzazanirwa gatoyi ni—ni uko abo babiri bose bavugira rimwe. Rero, ntivyari biteye kuzazanirwa gatoya, murabona; kuko, umwe muri bo yariko aratanga insobanuro, uwundi yariko aravugishwa. Murabona? Rero ni . . .

12 Nari niyumviriye ko nobisigurira bene Data, mu gihe batoba babitahuye, kuko umwe yatanga neza . . . Mwarabonye umwanya w’umwe umwe wese ingene wari uharuye? Kandi uwundi yari yujujwe cane, ku buryo Mpwemu w’Imana Yavuga aciye kuri umwe; Asobanura, uwundi nawe ariko atanga insobanuro. Kugira ngo bigaragare neza, ko mu . . . ntituri . . . Rimwe na

rimwe, ku bwenge busanzwe. . .Nka kurya kwa mwene Data w'igiciro yasavye imbabazi muri iki gitondo. Birazazana gatoyi ku muntu adatahura. Ariko ku babirimwo, ibicocoro mu ntambara turimwo, emwe, turabitahura, uko ivyo bintu bimeze. Rero nari niyumviriye ko nogira ico nobivugako, nimba ari vyiza.

13 Ubu, nda—ndazi ko aha atari ahantu ho kuvugira ibi. Ariko bivanye n'uko umwe wese yagize akantu avuga, na. . .Murazi, uwo mugabo yavuze, uwo mutama w'umwirabure yavuze ati: "Nta kibanza mufise gikwiye novugiramwo ubutumwa." Nta *mwanya* ukwiye mufise ngo mvuge ubutumwa. [Ikoraniro rikomye amashi—Umw.] Ahubwo ndarandira.

14 Umunsi umwe hari umuntu yavuze ati: "Umukozi w'Imana yaregereje, yari amaze imyaka mirongo ibiri ari umupasitori mw'iryo shengero. Kandi yama avuga ubutumwa iminota mirongo itatu neza na neza buri munsi w'iyinga mu gitondo mw'ishengero ryiwe." Aca avuga ati: "Kuri uwo munsi w'iyinga mu gitondo, yigishije amasaha atatu."

15 Hanyuma rero inama y'abadiyakoni iramuhamagara, baca bamubwira bati: "Mwungere, mu vy'ukuri turagushima." Bati: "Twama tuzi yuko—yuko ukimbukira Bibiliya n'uburenganzira bwaYo." Baraheza bavuga bati: "Kandi wama udukosora kugira ngo twumve ko ata gasembwa kandi dutunganye imbere y'Imana. Kandi vy'ukuri turagushima, kandi twizera ko uri umukozi w'Imana. Kandi ata nkeka twashimye burya butumwa muri iki gitondo. Bati, "Ariko, hari ikintu kimwe gusa dushaka kubabaza." Bati: "Twaraguharuriye umwanya, nk'inama y'abadiyakoni." Bati, "Iminsi yose kuw'iyinga mu gitondo ufata iminota mirongo itatu neza na neza, none uyu munsi wafashe amasaha atatu." Bati: "Rero, wibuke, turakenguruka buri gace kose kavyo. Vyari vyiza." Bakora ku buryo uwo mutama yiyumva neza, murazi.

16 Aca avuga ati, "Bene Data, reka ndababwire uko bimeze." Avuga ati, "Iminsi yose mu gitondo iyo ngiye. . .mpamagawe kuri arutari," ati: "nshira mu kanwa kamwe muri twa tubombo twa Life Savers," ati: "ngaca ndakanunuza." Aca avuga ati: "Iyo ako kabombo gaheze, ati: "bifata neza iminota mirongo itatu," aca avuga ati: "rero nca mpeza kuvuga ubutumwa." Yavuze ati: "Murazi, kino gitondo, niyumviriye ko narengeje umwanya gatoyi. Nagaciriye, nasanze nari mfise igifungo mu kanwa."

17 Jewe nta na kimwe nzoshiramwo, rero twizigiye ko tutazogira ibifungo mu mifuko. Ariko turi. . .Ndizera ko bitumvikana nko kurogota hano. Ariko gusa nda. . .Murazi, n'Imana naYo Irafise umutima wo gutwenza, murabizi.

18 Rero turakenguruka cane kuba ng'aha tukaronka aka kanya k'isangira, kandi—kandi n'iri bakwe rikomeye ryo gusubira kumanyagura Umutsima w'Ubugingo, mu buryo bwanje butoyi busanzwe. Ndazi, nk'abanyateworojiya, nk'uko wa mugabo ava

mu Bwongereza yavuze ng'aha ejo ku mugoroba; bagenzi, ndanka guhaguruka ngo nigishe inyuma y'umuntu nk'urya, n'amashure yanje agarukira mu w'indwi. Ariko nizigiye ko Imana Iza kubasobanurira ibiri mu mutima wanje. Murabona? Namba amajambo yanje atameze neza, intumbero zanje, ni—nizigiye ko ari nziza.

19 None rero reka dusome mu Vyanditswe. Benshi muri mwebwe murakunda gukurikira. Ngiye gusoma muri iki gitondo, mu mwanya mutoya gusa, mu Gitabu ca Yeremiya, umuvugishwa, igice ca 2, ndatangurira ku murongo wa 1.

> *Ijambo ry'Uhoraho rinzako riti:*
>
> *"Genda usemererere mu matwi y'ababa i Yerusalemu uti: 'Uku ni ko Uhoraho avuze: nibuka urukundo rwo mu buto bwawe,* n'*ukuntu wankunda ukiri* umugeni, *ukuntu wankurikiye mu bugaragwa, no mu gihugu kitigeze kubibwamwo imbuto.'*
>
> *Isirayeli yari uwo Jewe Uhoraho nirobanuriye, yari nk'ivyeze ubwa mbere mu vyimburwa vyanje. Ababirya bose baba bacumuye; ivyago bizobazako. Ni jewe Uhoraho ndabivuze."*
>
> *Nimwumve ijambo ry'Uhoraho, mwebwe nzu ya Yakobo, namwe miryango yose y'inzu ya Isirayeli:*
>
> *uku ni ko Uhoraho avuze: "Ni ibigabitanyo biki ba sogokuruza banyu bansaganye, ko bangiye kure, bagakurikira ibitagira ikimazi, nabo ubwabo bagahinduka imburakimazi?*
>
> *Ko batarushe bibaza bati: Uhoraho ari hehe, yadukuye mu gihugu ca Egiputa, akaturongora mu bugaragwa, no mu gihugu kigadutse kirimwo ibimanga, mu gihugu kitagira amazi c'umuzimagiza w'umuzitanya, mu gihugu kidacamwo abantu, ata*. . .*muntu n'umwe* ahaba?
>
> *Ushime nabashikanye mu gihugu cama cimbuka ngo murye ivyo cera n'ivyiza vyaco; ariko mumaze kucinjiramwo mwahumanije igihugu canje, muhindura umugabane wanje ikizira.*
>
> Kandi *abaherezi ntibarushe bibaza, bati: Uhoraho ari hehe? N'*abafise ibango *ry'ivyagezwe ntibamenye;* kandi *abaragiye igihugu barancumuyeko, kandi abo nari kuvugisha basigaye bavugishwa na Bayali, bakurikira ibitagira ikimazi.*
>
> *Ni co gitumye nzokomeza*. . .*kuburana namwe, kandi nzoburana n'abuzukuru banyu, ni Jewe Uhoraho ndabivuze.*

*Ehe. . .nimujabuke* ku mazinga *y'i Kitimu, murabe; mutume i Kedari, mwitegereze mushirutse umwete; murabe ko higeze kuboneka ikintu nk'iki.*

*Mbega hariho ihanga ryigeze gukaba imana zaryo, naho zitari. . .imana nya mana? Ariko abantu banje bo, icubahiro cabo bagikavye ibitagira ikimazi.*

*Nimwumirwe, mwa majuru mwe,* muhinde *agashitsi,. . .mujorerwe, ni jewe* UHORAHO *ndabivuze;*

*kuko abantu banje bakoze ibibi bibiri: bataye jewe, isoko y'amazi y'ubugingo, bakiyimbira ibinogo vyo kubika amazi, ibinogo vyase imigaga, bidashobora kugumamwo amazi.*

20 Umwami Yongereze imihezagiro yiWe ku gusomwa kw'Amajambo yiWe. Nipfuza gu—gukuramwo icigwa, c'*Ibinogo Vyase Imigaga.*

21 Igihe, mu gusoma iki Canditswe muri iki gitondo; ivyo, Ivyanditswe bitangwa mu buryo bwo guhumekerwa. Tuza mu Ngoro y'Umwami kugira ngo dukosorwe kandi dutahure. Kandi rimwe na rimwe ni ho tubona a. . .buri kantu kose gato kitambitse mu nzira.

22 Nk'uyu musirikare, mu kanya gaheze, yariko aratubwira avuga ko ibintu bimwe bimwe, kumbure mu kindi gihugu gifise misire kanaka, canke—canke ikintu nk'ico, dutegerezwa kuronka ikintu kikirwanya biciye—biciye mu buhinga bwa gisirikare.

23 Erega, ni nako bimeze no kw'ishengero, mu karere umuntu yigishirizamwo ubutumwa, canke namba ari umukwiragizabutumwa ari mu gikorwa. Iyo abonye imigumuko, n'ikintu kigitangura, kikiri gishasha, canke ukwo coba kimeze kwose; ni ah'uwo muntu, namba ari umukozi w'Imana, kuzibirira ico kintu kure hashoboka y'ivyiyumviro vy'abantu kugira ngo bakigume kure. Kandi ivyo ntidushaka ko bishika, ngo twisange ahantu nk'aho.

24 Rero, mu gihe ca Yeremiya hano, ubuvugishwa bwiwe, hari nko mu myaka mirongo itandatu inyuma y'urupfu rwa—rwa Yesaya—Yesaya. Kandi bari bamaze nk'imyaka mirongo itandatu ata muvugishwa mukuru bafise. Hariho Habakuki n'abandi mu bavugishwa bato bato, ariko Yesaya ni we yari umuvugishwa wanyuma mukuru. Kandi abantu muri ico gihe ntibari, ntibari bafise umuntu n'umwe wo kubasohora. Bari barasubiye inyuma. N'ubwo biri uko, bari ihanga ry'Imana, bari barasubijwe inyuma muri uko kuntu tu—tubabonamwo, igihe Yeremiya yaza kuvugishwa kuri bo. Na Yeremiya nawe yari. . .Yavugishijwe imbere yuko batwarwa inyagano, kandi nawe nyene yarajanywe nk'inyagano.

25 Rero, mu bisanzwe, Daniyeli yaje inyuma ya Yeremiya. Kandi Daniyeli yavuze ko yagize ugutahura, biciye mu Vyanditswe, ko bategerezwa kumara imyaka mirongo irindwi hariya.

26 Koko, muri bo hariho uwundi muvugishwa, yashatse gufata iyo ngogo, mu gihe yayishira kw'izosi, avuga ko kizoba ari ikintu gitoya, ko mu kiringo c'imyaka ibiri, egome, Imana Yari kubagarukana, ariko Yeremiya yari azi ibitandukanye n'ivyo. Kandi turazi ivyashikiye uwo muvugishwa yavugishijwe ibinyoma, yapfuye uwo mwaka nyene. Kubw'ivyo Imana ntiYari kumureka ngo abeho.

27 Kandi rero turabona ukuntu iryo hanga ryari rimeze muri ico gihe. Ubu rero sinipfuza ko muntahura nabi, si—si ndi, intumbero. . .mu vyo nshaka kuvuga hano, Ivyanditswe n'ivyo nanditse ku mpapuro bikeya.

28 Kera ntivyahora binsaba ko—ko nandika Ivyanditswe n'ibindi. Ariko maze kurenza imyaka mirongo ibiri n'itanu ubugira kabiri, erega, si—sincibuka nk'uko nahora, ni co gituma nandika Ivyanditswe, aho nca nza ndamenya iyo ndiko ndaja. Kandi kubwo kumara umwanya munini gutyo nsengera abarwayi, n'ibindi, no kumara umwanya atari ho ndi, nta mwanya mfise vy'ukuri wo kwiga uko nategerezwa kubikora.

29 Rero, ariko uyu muvugishwa ahambaye w'ico gihe, yari Yeremiya, kandi yari uwo mu rugero rwa Amosi n'abandi bavugishwa bandi benshi bari barabayeho. Yatewe agahinda no kubona uko igihugu cari kimeze. Rero hariho ahantu. . .

30 Rimwe na rimwe iyo uriko uravuga ivyerekeye ihanga, woshobora kwiyumvira ko biraba u—umugwi munaka. Si ivyo. Ni igishushanyo c'ihanga muri rusangi. Kandi uyu munsi, turabona i—ibintu bigereranywa uyu munsi nk'uko vyari biri mu gihe ca Yeremiya, ko ihanga ubwaryo ryose ryasa n'iryaguye mu gusenga ibigirwamana; novuga ko ryari ryavuye ku Mana. Kandi mu gukora ivyo, zabaye intege nke z'igicaniro. Kuko, iyo igicaniro gihagarara neza, kikagumana n'Ijambo ry'Imana, Imana Yari kuba muri buri rushengero nk'uko Ikorera hagati yacu ng'aha. Ariko bagiye kure y'ivyo. Kandi ni co kintu nsha—nshaka kuvugako muri kino gitondo. Turabona yuko ari ukuri kutagabanije muri buri gihe.

31 Nibaza ko yari Amosi, nk'uko namuvuze mu mwanya uheze, yavuze ko "atari umuvugishwa, canke umwana w'umuvugishwa." Ariko yavuze, yuko: "intambwe yivuze, ni nde atotinya?"

32 Kandi nimba hari umuntu amaze kwumva ukwivuga nyakwo kw'intambwe mu bugaragwa, izo mwumva zugaranywe ng'aha zo nta kindi zikora atari kuniha nk'inyabu. Ariko yivuze mu bugaragwa, ibintu vyose bica bimera magabo. Nararaye mw'ishamba, ndazihiga. Ni umwami w'ibikoko,

rero, iyo intambwe yivuze, n'imijogoja iraceceka, n'ibindi vyose biraceceka. Induru z'i—z'imbwebwe n'i—n'imfyisi, hamwe n'ibindi bikoko, induru z'inguge n'inkende, imijogoja, biragoye no kwiyumva ubwawe uriko uriyumvira; ariko reka intambwe yivuge iri kure, n'imijogoja ica ihagarika induru. Murabona, ikintu cose kirayitinya. Yamara, hari ibintu vyinshi bishobora kuyica, ariko iremewe nk'umwami mu bikoko.

33 Yavuze ati: "Intambwe irivuze, ni nde atotinya?" Aravuga ati: "Imana Yavuze, none ni nde atovugishwa?"

34 Kandi aho, niyumvira ko n'uno munsi uko ibintu bimeze bihura n'iyo ngorane. Imana Yarabivuze. Murabona? Turabona inyandiko ku ruhome, rero biroroshe kuvugishwa no kubona ko turi mu gihe c'iherezo.

35 Turabona Imana, kuva mu bice vyose vy'amadini, uhereye muri Katolika, ugaca mu mashengero yose y'abaporoti, Buda n'ibindi, kuva mu Buhindi, n'ibindi vyose, Iriko Irahamagara abantu baYo ngo baje hamwe, Ibakoraniriza hamwe bose. Kandi nda—ndanezerewe kubw'ivyo, kubona uwo munsi uriko uraza. Rero tu . . . Ni—ni umunsi uhambaye, rimwe mu mahirwe aruta ayandi.

36 Ivyo, iyo nza kugira, iyo nza kumenya imbere y'uko isi ibaho, igihe twari imishaha, igice c'Imana, kandi ni ko turi, kuko twari kumwe na Yo imbere y'uko isi ishirwaho. Kuko, hari uburyo bumwe gusa bw'Ubugingo Budashira, ubwo na bwo ni Imana. Natwe turi igice caYo. Ntitwari ku rugero rwo kumenya no—no gushobora kwiyumvira, no kugira ikintu; ariko twari mu vyiyumviro vyaYo y'ico twari, imbere y'uko isi ishirwaho. Kuko, turi igice caYo, nk'uko umuhungu wanje ari igice canje, nanje nkaba igice ca data, gutyo gutyo. Turi abahungu n'abakobwa b'Imana, mu buryo bwaYo bwo kumenya ibintu bitaraba.

37 Kandi hariya kera, iyo nza kumenya ivyo nzi ubu, ngashobora kuraba uko igihe cose kingana, Akaba Yari kumbaza Ati: "Ni mu gihe ikihe ushaka kubamwo?" Nari kuvuga ko nshaka iki gihe nyene, igihe kiza imbere y'i—iherezo ryo kubaho kw'isi, n'ukuza kw'Ubwami bw'Imana buzogerera kw'isi. Niyumvira yuko ari igihe c'ubwiza kuruta ibindi vyose, ko ari ubu nyene.

38 Turabona aha ko Isirayeli yagirizwa n'umuvugishwa, mu gihe Imana Yari Yamushizeho Ikamurungika hariya, bagirizwa ivyaha bihambaye bibiri. Dushaka kuvuga kuri ivyo bintu bibiri bari bakoze. Kandi, kuri ivyo, turashaka ko bitugirira ikimazi. Rero, bari bahevye Imana, ya Soko y'amazi y'ubugingo, baca biyimbira ibinogo. Bari bahevye ico Imana Yari Yabahaye, baca biyimbira ikintu bari bikoreye bo ubwabo. Kandi ivyo binogo, murabe, yari afise, vyari vyase imigaga kandi vyarava.

39 Rero, ikinogo case imigaga ntigishobora kubika amazi. Kirava. Nakuriye kw'itongo, kandi ndazi ukwo ikinogo gishaje kimera, n'ingorane gitera.

40 Kandi ico kinogo kiva, ni—niyumvira ko ari ishusho nziza y'iki gihe, ko igihe (cacu) ivyo twagerageje vyose gukora, kugira ngo twegeranye abantu, duhuze abantu, duhuze amashengero, vyaherera iminsi yose mu kugerageza ko mu buryo vy'ivy'ubwenge. Twarageragje gukora ku buryo Abametodiste bahinduka Ababatista, Ababatiste ngo bahinduke Abametodiste, n'ayandi madini atandukanye. Ariko uwo si wo wari umugambi w'Imana, mu ntango.

41 Imana Ifise ikibanza kimwe gusa co guhuriramwo na Yo. Yavuze mu Gitabu co Kuvayo, ngo: "Narahisemwo ikibanza co gushiramwo Izina ryaNje, kandi nico kibanza conyene Nzohuriramwo n'abantu." Yari Yarahisemwo ahantu ho gushira Izina ryaYo. Aho Yashize Izina ryaYo, aho ni ho Yahurira na Isirayeli. Irafise ikibanza Ihuriramwo n'ishengero ryaYo uno munsi, kandi Yahisemwo iryo Zina, kandi iryo Zina ni Yesu Kristo. Kandi aho ni ho Ihurira n'uwizera w'ukuri, iyo ari muri Yesu Kristo. Ni aho Imana Yahisemwo gushira izina ryaYo.

Muravuga muti: "Izina ry'Imana?"

42 Yavuze Ati: "Naje mw'Izina rya Data." Rero aho ni ho Imana Yashize Izina ryaYo, ni muri Kristo. Kandi muri Kristo niho dushobora twese guhurira munsi y'Amaraso yasheshwe ni ho turonkera isangira nyaryo, ry'ukuri.

43 Imana Yashizeho umugambi waYo mu ntango, mw'itongo rya Edeni, ahantu Izohurira n'umuntu, kandi ivyo ntivyari ku gutahura kw'ubwenge; iyo biba ivyo, Eva yari kuba ari neza na neza mu murongo w'umugabi waYo. Ariko turazi yuko yemeye iciyumviro c'ubwenge ca Satani ngo, "Ata nkeka, Imana Ntizobikora," ariko Imana Yavuze ko Izobikora! N'uko rero Yatoye ikibanza c'ugucungurwa, kandi hari biciye mu Maraso, atari mu nteguro y'ubwenge.

44 Rero turiko twihora ubusa gusa, ariko ni yo kamere nyene y'umwana w'umuntu yuko—yuko abantu bagerageza gu—gukora ivyo. Iyo tuba dufise umwanya, twari kubigabagura mu duce twinshi, ariko sinshaka ca gifungo. Rero turagerageza kuvyorosha uko bishoboka, "ibinogo biva." Kandi turabona ko vyo—vyongeye gushika ukuri kwamye, ni ishusho nyayo y'igihe cacu tubayemwo, y'utwigoro twacu twose.

45 Kandi tudakengereye buri kigoro kose ka buri mukozi w'Imana, vyonyene kuba avuga Izina rya Yesu Kristo. Yari akwiye kwubahirizwa vyonyene kuba avuga Izina ryiWe mu kwicisha bugufi no mu kwubaha. Kandi n'aho hari imikorere ihambaye y'ivugabutumwa yazengurutse isi, n'ibindi, muri iyi minsi iheze, niyumvira ko, tutazokwigera dushobora gushikana abantu ku guhuza umutima kugeza tubashikanye munsi

y'Amaraso Ya Yesu Kristo. Ni aho hantu honyene dushobora kuba mu mutekano.

46 Hari umuntu yampamagaye nta gihe gishize, wa hariya mu Buseruko, aca avuga ati: "Mwene Data Branham, numvise ko wimukiye muri—muri Arizona, kandi ko washinze i—ikibanza hariya ahantu hari umutekano." Nk'uko mubizi ingene Ubutumwa bwaje, n'Umwami Akambarira ivyari gushika muri Alaska, n'ingene vyobaye hariya muri California, kandi ni ko vyagenze. Bavuze bati, "Ubu rero ni hanyiganyiga, n'ibindi, ahantu h'umutekano ni hehe?"

47 Navuze nti, "Hari ahantu h'umutekano hamwe nzi. Ni muri Kristo. Kuko abari muri Kristo, bazo . . . " Ni ho honyene nzi.

48 Rero Yeremiya bamwita kandi, "umuvugishwa w'amarira." Kubera, ndibaza, ivyatuma uwo muvugishwa arira—arira, nako, kwari ukubera we nk'umuvugishwa (kandi Ijambo ry'Umwami riza kuri bene abo) kandi kubona abantu bagendera mu migenzo yabo, biyumvira ko bari mu kuri, kandi ata buryo na bumwe bwo kubahindukiza.

49 Kuko, bariko bagenda neza na neza berekeza mu kuba inyambukira, kuko turazi yuko wimbura ivyo wabivye, tutitayeho uwo uri, n'ico woba uri. Kandi natwe nk'igihugu twarimbuye, canke, twarabivye nako, kandi dutegerezwa kwimbura. Ejo ku muhingamo, Umwami Abishatse, nzovuga ku *Mibabaro y'Ukuramukwa*; Nzo—nzokivugako, ko ataho dushobora kubihungira. Dutegerezwa kwimbura ico twabivye.

50 Hamwe Imana Yotureka ngo tubivemwo amahoro hamwe n'uku kononekara kw'ivya Rukristo vyacu uno munsi, no kwonona abantu barongorerwa mu bintu bita ngo ni ivya Rukristo, nk'uko Mwene Data Moore yigeze kuvuga, ati: "Yoca Itegerezwa kuzura abantu b'i Sodomu na Gomora, kandi Ikabasaba ikigongwe kuba Yarabaturiye." Ni vyo, kuko Imana Iracagororotse. Aho ukugabitanya kwashitse; ukwera kwaYo n'Ijambo ryaYo bi—biYisaba gutuma abantu bimbura ivyo babivye, kandi tuzotegerezwa kubikora.

51 Rero mwihweze bari baMutaye, ya Soko y'amazi y'ubugingo, baca biyimbira ubwabo ibinogo bibika amazi.

52 Rero hashobora kuba hari umuntu atotahura ikinogo kibika amazi ico ari co. Ikinogo kibika amazi ni itangi abantu bikorera igerageza gusubirira iriba. Ni ikintu umuntu aba yarimvye. Ni bangahe bazi ikinogo kibika amazi ico ari co? Ni vyiza. Ni vyiza cane, hari abantu benshi bo mu gihugu hagati ng'aha muri iki gitondo. Rero ba . . . Ndibuka ca kinogo kibika amazi ca kera hariya hantu, ukuntu casa, nama ntinya kunywa amazi avuye muri ico kintu. Yari i—itangi yakozwe n'abantu. Ntushobora kucizera namba. Ntushobora kwizera ikinogo kibika amazi.

53 Rero ikintu cose umwana w'umuntu akora mu bisanzwe ntikiba ciza cane. Ariko nk'uko U—Umwami Yashinze ibihe

mu—mu rukurikirane rwavyo, no kuzunguruka kw'isi; buri mwaka, buri gihe kirenganye, buri munsi, buri saha, n'ukurenga kw'izuba, ntivyigera bihusha. Ariko n'amasaha meza ya mbere dushobora kuronka, usanga atakaza iminota myinshi mu gihe c'ukwezi, ata gukekeranya. Ariko, murabona, ico Imana Ikora cose kiratunganye, naho ico umuntu akora, kiragira agasembwa. Kuki none wemera ico umuntu akora, mu gihe ushobora kuronka igitunganye?

54 Namye mvuga ivyo kuri twebwe abantu b'Abapentekoti. Murabona, turabizi, kandi vy'ukuri ntituri—ntituri inyuma y'urutonde rw'Imana, ntituvyibaza; ariko vyongeye turazi ko muri twebwe hariho abantu bagerageza kwigana abandi. Ukwo niko umuntu ameze. Bagerageza gukora ivyo. Barabikoze muri Bibiliya, "Umwe ati: 'Jewe, ndi uwa Paulo,' 'Jewe, ndi uwa Sila,'" gutyo gutyo. Ariko ba—bagerageza kwigana ico uwundi yakoze canke ariko arakora.

55 Ariko kuki wokwemera ivyiganano bitari vyo, mu gihe amajuru yuzuye ikintu c'ukuri, mu gihe "isezerano ari iryanyu n'iry'abana banyu"? Ni kuki twokwemera ikintu gitandukanye n'ivyo? Ni kuki twokwakira za nemera canke imitegekere, mu gihe Bibiliya ari Ijambo ry'Imana ritavanze? Ni kuki twogerageza kwongerako canke ngo dukureko, mu gihe Umwami Yesu Yavuze mu Vyahishuriwe Yohana 2:18 Ati: "Umuntu wese azokurako Ijambo na rimwe muri Ryo, canke yongereKo, umugabane wiwe uzokurwa mu Gitabu c'Ubugingo"?

56 Igihe ubwa mbere Imana Yashira ubwoko muntu mu. . . kw'isi, Yababwiye ko bazobeshwaho n'Ijambo ryaYo. Rero Ijambo ry'Imana rimeze nk'umunyororo, uca hejuru ya kuzimu hamwe na Ryo; kandi nk'uko ubukomezi bw'umunyororo bubonekera ku gace kawo k'inkomezi nke kuruta utundi, Imana Ishaka ko tugumya buri Jambo ryose ryaYo. Aho rero hari mu ntango ya Bibiliya; gutirimuka gusa kw'Ijambo rimwe vyataye ubwoko bw'abantu mu mw'ijima w'urupfu.

57 Yesu Yaje hagati muri Bibiliya, Aca avuga Ati: "Umuntu ntazotungwa n'umutsima gusa, ariko azotungwa n'Ijambo Ryose." Si igice c'Amajambo gusa, canke mirongo icenda n'icenda kw'ijana; ariko Ijambo ryose, nka kurya nyene Eva na Adamu bari.

58 Mu gice ca nyuma ca Bibiliya, Ivyahishuriwe Yohana 22:18, Yavuze Ati: "Umuntu wese azokurako Ijambo na rimwe muri Iki, canke akongeraKo ijambo kuri Co!"

59 None ni kuki dukeneye kwinjizamwo Hano ivyiyumviro vy'abantu, mu gihe iki ari Iciyumviro c'Imana ubwaYo kuri ibi? Dushaka gufata ivyo Yavuze. Kandi handitse ngo, "Ijambo ryose ry'umuntu ribe ikinyoma, Iryanje ribe Ukuri."

60 Iyi ni yo yari ingorane kuri uyu muvugishwa. Mu gihe ca Yeremiya, yari umuvugishwa, yari afise Ijambo ry'Uhoraho. Kandi uyu muntu yagerageza kwinjiza ikindi kintu kuri Ryo. Rero, ntirishobora kwizigirwa. Aha ndiko ngereranya ayo matangi n'iyo mikorere twagerageje gushiraho, ngo tuyisubirize Ijambo ry'Imana ry'inkomoko.

61 Kuko, nta kintu na kimwe gishobora kiRisubirira. Ni Imana. "Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kand'uwo Jambo yari Imana. Kandi uwo Jambo yihaye umubiri abana natwe." Mu Baheburayo 13:8, havuga ngo: "Uko Yari Ari ejo, n'uwu munsi niko Akiri, kandi niko azokwama ibihe bidashira." None Ivyo twoVyikurako gute? Ni Ukuri kutagabanije. Aracari Wa Wundi nyene. Ni Wa Wundi nyene mu biMugize vyose.

62 Nico gituma muBinezerererwa, mwebwe Babatista, n'Abametodiste, n'Abagatolika n'Abaperesibiteriyano, n'abandi, munezererwa ukwo Kubaho. Ahantu hanaka, muri mwebwe, mwarakiriye Imana. Kumbure rimwe na rimwe mu buryo bw'ubwenge, kumbure warumvise Ubushobozi bw'Imana, kandi uri umukozi w'Imana; ariko iyo ushoboye vy'ukuri kwinjira mu Mana, ukamenya ikibanza cawe muri Yo, nk'umuhungu canke umukobwa w'Imana ico nico kikuzanira uwo munezero mwinshi, uwo Imana Yaguteguriye kuronka.

63 Rero turabona mu Mariko Mweranda, igice ca 16, Yesu ntiYavuze Ati: "Mugende muje mu bihugu vyose, maze—maze—maze mwigishe." Yavuze Ati: "Nimugende muvuge Ubutumwa Bwiza." Kuvuga Ubutumwa Bwiza, ni, ukugaragaza Ubushobozi bwa Mpwemu Yera! "Nimugende mu bihugu vyose, mugaragaze Ubushobozi bwa Mpwemu Yera."

64 Nariko mvugana na mwene Data umwe, umwe mubatanze uburyo mu. . .igikorane canje co mu Buhindi, hariya i Bombay, na hariya muri Afrika y'Epfo n'ahadi hatandukanye, aho abamisiyonari bari baraRyigishije nk'ijambo canke ikintu co mu bwenge. Ariko umunsi umwe mu gikorane, igihe Mpwemu Yera Yamanuka, Ubwiwe, Akarokora ibihumbi mirongo itatu vy'abanyagihugu baho ku muhamagaro umwe wo kwihana, aho hantu nyene bari bahagaze. Abagore bari bahagaze ng'aho, bari gusa hafi nk'uko bari bameze igihe baza mw'isi, kandi ako kanya nyene badugije ibiganza ngo bakire Kristo. . .

65 Mpwemu Yera Yururukiye aho hantu Aca Akiza indwara abantu ibihumbi mirongo ibiri mu mwanya umwe, bava kuri ya makinga y'abagendana ubumuga, ku bitanda vy'abarwayi, n'inderuzo. Bukeye, umukuru w'igisagara yaranyeretse amakamyo yuzuye ivyo bintu, ariko aragenda mw'ibarabara.

66 Abo bagore bari bahagaze aho, bari gusa, batazi ko bari gusa. Ariko Mpwemu Yera Amaze kubamashura, bifukishije amaboko yabo bahunga amaso y'abagabo babo.

67 Kandi ndibaza ukuntu twebwe muri Amerika twiyita ko turi igihugu c'Abakristo, kandi ko turi mu Nyonga h'Imana ; maze buri mwaka, twebwe, abagore bacu bakarushiriza kwiyambura. Mu gihe mwotegerejwe kwambara kurushiriza. Uko urushiriza kwambara Kristo, niko urushiriza gutahura uko umeze. Rimwe na rimwe ndabona ingene abantu bigenza mw'ibarabara, nkibaza namba bakomeye neza mu mutwe vy'ukuri. Umengo ntibabona yuko iyo bakoze ivyo, ico baba bariko barakora, bigira icambo c'umurwanizi, no kurungika imishaha mu muriro. Ni vyo. Ariko isi yarononekaye nk'uko vyari biri mu gihe ca Yeremiya.

68 Ubu tugaruke kuri ca kinogo kibika amazi. Rero, iki kinogo ntushobora kucizera kuko ntigishobora kwiyuzuza ubwaco. Gitegerezwa kurindira ko imvura igwa aho hantu ngo icuzuze, imvura y'aho hantu ni ukuvuga imivyuro y'aho hantu, kugira umuvyuro mutoya *hano* n'umuvyuro mutoya *hariya,* kugira ngo cuzure. Rero, ntawocizera. Ntigishobora kwiyuzuza ubwaco. Nticikwije, ubwaco. Ntigishobora kwiyuzuza. Citega imvura kugira ngo icuzuze.

69 Rero turabe aho gi—gikura imvura yaco, aho gikura amazi yaco, ico kinogo. Ava hejuru y'amararo, ibizu vy'ububiko, ahantu huzuye imyanda yose aho umukungugu wagurukiye, bica bikukururwa n'imvura, bigaca bitemba bija muri ca kinogo, itangi yakozwe n'umuntu. Gica kiba nk'ikiziba. Ashunguruka avuye hejuru kw'iraro, ahari ibikoko vyose, n'umunuko wo mu gituru c'inkoko, n'ibindi, bikirunda aho. Umuyaga ugatumura u—umukungugu n'ibindi kuri rya raro, hanyuma imvura y'aho hantu ikagwa igaca ibishungururiramwo, vyose.

70 Maze amazi agaca mu mureko wakozwe n'umuntu agaca mu muringoti wakozwe n'umuntu, gushika mw'itangi yakozwe n'umuntu. N'uko amaze gushika aho, aba yanduye, yanduye ku buryo utegerezwa gushira hejuru igitambara co kuyayungurura, ahandi ho ntiwoshobora kuyanywa. Rero, murabona, ashunguruka avuye hejuru ku nzu, aciye mu mureko wakozwe n'umuntu, umuringoti wakozwe n'umuntu, akaja mw'itangi yakozwe n'umuntu. Rero hejuru bashiraho ikiyungurura bakoze, kugira ngo barabe ko gitangira udukoko tumwe tumwe n'ibindi biri muri ayo mazi.

71 Rero, rero turabona, muri ibi, haheze iminsi mikeya ayo amazi ari ngaho, muri iryo di-. . .ryakozwe n'umuntu, nako, itangi. Murantunga. Murantunga. Ni vyiza. Amaze gu—amaze gushunguruka, avanze n'ubwoko bwose bwa teworojiya n'ibintu vyose bishungurukiramwo; rero turabona ko, iyo agumye ng'aho iminsi mikeya, aca acika ikiziba.

72 Umuntu wese arazi, muri kahise k'ishengero, iyo Imana Irungitse ikintu, ubutumwa, bukaza buvuye ku Mana ari bushasha, hanyuma uwabutanguje a—amaze gupfa (canke ico

yoba ari cose, mwomwita umugorozi, canke ico mwobivugako cose), amaze gupfa, baca bashiraho umukorere bagaca bagira idini. Kandi bamaze kugira idini, bica bipfira aho nyene. Ntivyigera bisubira kuvyuka. Vyarashitse igihe cose, kera, hariya kera cane.

73 Hamwe n'icubahiro cose mfitiye umupatiri w'Umugatolika ari hano; igihe Imana Yatunganya ishengero. . . nako, si ugutunganya, Imana ntiYigeze Itunganya ishengero nk'idini. Ntiri mu bintu nk'ivyo. Iri mu kuvuka, si mu kwitunganya. Rero, igihe Imana Yatanguza ishengero ku Munsi wa Pentekote. Hanyuma rero amaherezo hariya i Nikeya, i Roma, bararitunganije, kandi aho ni ho ryatakarije Ubushobozi bwaryo.

74 Rero duca tuza ku bugorozi bw'Abaluteriyano, cari ikintu gihambaye cane. Ijambo ry'Imana ryaratanzwe, "Umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera." Igihe babikora, aho gutera imbere, bose ica rimwe, bose hamwe bakajana, baciye bakora ishengero ry'Abaluteriyano, baritandukanya n'uwo mugwi, bica rero birapfa.

75 Hanyuma Imana Ihagurutsa John Wesley, n'ukwezwa, ubutumwa bw'igikorwa ca kabiri c'ubuntu, kandi cari ikintu giteye igomwe. Ariko inyuma ya Wesley na Asbury, baritunganije, bica birapfa.

76 Hanyuma haza Abapentekoti hamwe n'ukugarukanwa kw'ingabire. Bariko barakora neza, habaye iki? Barabitunganije babigira idini bica birapfa. Neza na neza.

77 Rero hagati y'ivyo vyose, Imana Iracahamagara amasigarira Iyakuye mu runganwe rwose. Nta nkeka Iriko Irabikora. Kandi ni igihe cacu co gusohoka, co gukoranira hamwe. Kandi ni ivyo niyumvira, Abagwizatunga b'Ubutumwa Bwuzuye baragize uruhara runini mu gusambura izo mpome, bavuga bati: "Nta tandukaniro riri hagati yacu. Muze tuje hamwe dusenge Imana dufise intumbero imwe, tutari munsi y'idini." Iyo riba ari idini, noca mva aha imbere ubu nyene. Ntaco duhuriyeko na vyo.

78 Ukwo biri, n'uko bitegerezwa kuba isangira, atari isangira rya nemera kanaka, ariko isangira muri Kristo, mu bushobozi bw'ukuzuka kwiWe. Ico nico kintu kizana Ubugingo, kizana ukuvuka.

79 Kandi imbere yuko habaho ukuvuka, dusanga hategerezwa kuba urupfu imbere y'ukuvuka. Kandi ukuvuka ni akajagari, sinitayeho uko kuvuka uko ari kwo. Haba mw'iraro ry'ingurube, canke—canke aho ari ho hose, ni akajagari. N'Ukuvuka ubwa kabiri ni ko bimeze, bigutuma ukora ibintu mu bisanzwe utokwiyumviriye ko wokoze. Ariko iyo witeguriye gupfa kuri wewe nyene, aho uba uvutse ubwa kabiri, icaremwe gishasha muri Kristo Yesu, aho rero ibintu bica vyuguruka, n'ubugingo

bugahinduka imbono nshasha kuri wewe, kuko wakiriye wa Muperesona Yesu Kristo, atari inyigisho canke nemera kanaka.

80 Canke, n'Ijambo Ryanditswe, Ritegerezwa kugirwa Rizima na Mpwemu Yera. Ukwo teworojiya ufise yoba ingana kwose, iryamye ngaho yarapfuye. Noshora kuba mfise urushi rw'ingano; zitarashika ku ntambuko y'aho zishobora kugirwa nzima, izo ngano ntizizokwigera zimera. Urashobora kuronka urupapuro rw'umutsindo rwa Ph., LL., ico ushaka cose; ariko Mpwemu Yera Ataraza kuri ivyo ngo Abigire bizima muri wewe, nk'ikimenyamenya ucishijwemwo ubwawe n'Imana, aho izo ngano ntaco ziba zimaze. Amashure yawe aba ari impfagusa.

81 Nk'uko wa mugabo w'Umwongereza yavuze wa mugoroba hano, ivyo vyarantangaje cane. N'amashure yose yari afise, nka Paulo, vyamusavye kwibagira ivyo yari azi vyose, ngo aronke Kristo, akore ibintu atiyumvira ko yokoze.

82 Ariko ukwo niko Imana Ikora, Iducisha bugufi mu mashuri yacu. Sindiko ndagerageza gushigikira ubujuju, ariko ndiko ndagerageza kubabwira ubudasa. Amashuri ntashobora na rimwe kuzana Ubugingo. Bisaba Mpwemu w'Imana kugira ngo haze Ubugingo, kandi ubwo Bugingo ntibutegerezwa kuva mu muvyuro w'ivy'ubwenge gusa. Utegerezwa kuzanana muri Bibiliya, umuvyuro w'Ijambo, kandi Iryo Jambo uko Ryari ejo, n'uyu munsi niko Riri, n'ibihe vyose. Kandi iyo Ryururutse uyu munsi, Rigatanga ubugingo, uronka vya vyamwa nyene nk'ivyo baronse mu Vyakozwe n'Intumwa 2. Neza na neza. Vyamye ari ukwo, kandi ni ukwo bizokwama, kuko ni Mpwemu w'Imana Ashiraho icuka.

83 Bisaba icuka kanaka kugira ngo ibintu bikoreke. Nico gituma mwebwe bagabo mwama mwigishwa ngo: "Zana abana banyu ng'aha." Rero, ata nkeka ivyo ni vyo. Nanezerejwe no kubona umukobwa wanje, Rebekah, yinjira akicara, haraciye akanya gatoyi. Bamwe muri mwebwe mwambonye mvunira akagohe umugore, yari umukobwa wanje, yinjiye aca aricara. Ndashaka ko yakira umubatizo wa Mpwemu, nico gituma ari hano mu gikorane. Iyo ni yo ntumbero yavyo. Bisaba icuka kanaka.

84 Nk'uko umutama Dogiteri Bosworth yakunda kuvuga, "Urashobora gufata irigi ry'inkoko ukaribundikiriza munsi y'ikibunda, rizovamwo umuswi w'inkoko." Kubera iki? Kuko ari irigi kandi ryaronse icuka cari gikenewe.

85 Sinitayeho ko uri Umumetodiste, Umubatista, Umuperesibiteriyano; mu cuka kibereye, bizovyara umwana w'Imana yavutse ubwa kabiri. Ni icuka kibikora, hatarabwe ikimenyetso c'idini ufise.

86 Nahora ndagira inka. Narabona umugenduzi iyo twaziduganye mw'ishamba, twarazijana ha—hanze y'uburagiro epfo mu kibara, tukazijana mw'ishamba. Yarashobora

guhagarara ng'aho akaraba ukwo zagenda zica mw'irembo, ku ruzitiro rw'imbaho. Ntiyigera yitaho cane ubwoko, kuko hari ubwoko bwinshi bwaca ng'aho. Ariko hariho ikintu kimwe yitegereza, cari imparati y'amaraso. Yategerezwa kuba iyo mu bwoko bwa Hereford itavanze atari ukwo ntiyashobora kuja muri iryo shamba, kuko ni Ishirahamwe Hereford riragirira muri iryo shamba. Itegerezwa kuba ifise imparati y'amaraso, kugira ngo bazigame ubwo bwoko neza.

87 Kandi nibaza yuko ari ukwo bizogenda ku Munsi w'Urubanza. Ntazombaza namba nari Umumetodiste, Umubatista, Umupentekoti, canke Umuperesibiteriyano, ariko Azoraba imparati y'Amaraso. "Ninabona amaraso Nzobarengana hejuru." Ni ukwo biri.

88 Rero turabona yuko ibi binogo, bimaze kumara umwanya muto ng'aho, bica biba . . . bica bihinduka ikiziba kandi ntibiba ari vyiza. Bica bicika rero, vyongeye, bica bicika ahaba ibikere n'imiserebanyi n'inzoka n'udukoko n'imigera, n'ibindi vyinshi, kuko ni uko kuntu ko kudatemba kubisunikaramwo. Woshobora kwiyumvira, ibitemba biva hejuru kw'iraro, canke biva ku nzu yegereye iraro, canke aho ariho hose umwanda woba uri, ubwoko bw'udukoko n'imigera, n'ibindi vyose, bikorokera muri ico kinogo?

89 Rero, ico ni ikigereranyo gikwiye c'umukorere uwo ari wo wose wakozwe n'umuntu. Umuntu yarananiwe, guhera mu ntango. Ni co gituma akeneye Umukiza. Ntiyashobora kwikiza we ubwiwe, nta na kimwe yobikorako. Yarazimiye, uhereye mu ntango. Yavukiye mw'isi, ari umunyavyaha, aza mw'isi avuga ibinyoma. Ni umubeshi, uhereye mu ntango, none yoshobora gute kwikorera ikintu na kimwe? Umweranda yobishobora gute?

90 Nta muntu mweranda abaho. Nta shengero ryeranda ribaho. Ni Mpwemu Yera! Si ishengero ryeranda, si abantu beranda; ni Mpwemu Yera mu bantu, ni uko biri. Amen. Si umusozi mweranda aho Petero n'abandi bari bahagaze; si umusozi mweranda. Ariko ni Imana Nyeranda, ku musozi, Ni Yo Yawugize mweranda. Si umuntu mweranda; ni Mpwemu Yera Akorera muri uwo muntu, ni vyo bimugira mweranda. Si umuntu; ariko ni Umuperesona wa Mpwemu Yera! Si uwo muntu; kuko, we ni umuntu gusa, "yavukiye mu vyaha, asamwa inda mu bigabitanyo, aza mw'isi avuga ibinyoma."

91 Umukorere uwo ari wo wose wakozwe n'umuntu uzomugumiza muri ivyo nyene. Izohumisha abanyabwenge ntibababone ico kintu, amaso y'abanyabwenge, ku buryo biyumvira bati: "Ndi umunywanyi w'ishengero, izina ryanje riri mu gitabu. Nakoze *iki*. Data yari *iki*, n'ibindi n'ibindi." Ivyo vyumvikana nk'aho ari vyiza; kandi, ni vyiza, nta kibi nobivugako. Ariko n'ubwo biri uko, mugenzi, Yesu Yavuze Ati: "Iyo umuntu atavutse ubwa kabiri, ntashobora no kubona,"

*kubona*, ng'aha, ntibisigura yuko abonesha amaso yiwe, ariko, "*gutahura* Ubwami bwo mw'Ijuru." Gushika ubuvukiyemwo!

92 Ni gute uyu muvugabutumwa w'Umubatista, wa mugabo yari ahagaze aho anegura yongera aBishinyaguriza? Murabona, nta kintu muri we cari gushobora kuVyakira; ariko Imana Yategerezwa kubikora, murabona. Imana Yaramuhaye Mpwemu Yera. Yaragaragaje yuko ibi bitari uburyarya, ibi ni Ijambo. Avyumva gusa bivuye mu vyiyumviro vyo mw'ishuri, kandi bagerageza gufata imi—imihezagiro yose y'Imana bakayishira mu gihe caheze.

93 Umuvugabutumwa umwe w'Umubatista akiri muto, nta gihe kihaciye, yicaye aha nyene iki gitondo; yaraje arambwira ati: "Mwene Data Branham, hariho ikintu kimwe uriko urakora kitari co."

Nca mvuga nti: "Mfasha."

94 Aca avuga ati: "Wewe uri, niyumvira yuko uri imvugakuri kandi uri umuntu mwiza, ariko . . . "

Nca mvuga nti: "Urakoze, mushingantahe."

Aca avuga ati: "Ariko hari ikintu kimwe ukora nabi."

Nca mvuga nti, "Nizera ko Umwami Abona gusa ikintu kimwe kimeze nabi."

95 Aca avuga ati, "Rero, hari . . . Iki ni co ukora atari co." Ati: "Uriko ugerageza kuzanira iyi si igikorwa c'ibango ry'intumwa, kandi," ati: "igikorwa c'ibango ry'intumwa caheranye n'intumwa."

96 Nca mvuga nti: "Nk'Umubatista ku Mubatista, nashaka kukubaza ikibazo kimwe."

Ati, "Ikihe?"

97 Nca mvuga nti: "Urizera yuko Ijambo Ry'Imana Ryahumetswe, buri gace kaRyo kose?"

Nawe ati: "Emwe, neza cane."

98 Nca mvuga nti: "Rero, Yavuze Ati, 'Ntihagire ijambo na rimwe mwongerako, canke ngo mukureko na Rimwe.' Kuko," nca mvuga nti: "Ndakwereka aho Umuhezagiro w'intumwa waje ku bantu, kubw'isezerano ry'Imana, rero nawe unyereke isezerano ry'Imana n'igihe ryaviriye ku bantu. Murabona, namba udashobora gutanga ivyo mw'Ijambo, aho rero—rero nuvyibagire, murabona," nca mvuga nti: "kuko Biracabandanya."

99 Ntiyigeze avuga ikintu na kimwe kumara akanya gatoyi. Hanyuma nca mvuga nti: "Rero, mwene Data, nashaka kukubaza iki. Petero yazanye ubutumwa bw'intumwa, ku Munsi wa Pentekote. Kandi twese turazi ko ivyo ari ukuri, kuko yari afise imfunguruzo z'Ubwami, izo Yesu Yari Yaramuhaye. Ubu rero itegereze ivyo yavuze. Yavuze ati: 'Ni mwihane, umuntu

wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire, ari yo Mpwemu Yera. Kuko isezerano ari iryanyu, n'iry'abana banyu, n'abari kure bose, n'abazohamagarwa n'Umwami Imana Yacu.' Rero namba hariho ahantu yoba Yarabikuyeho, none n'igiki cashitse ku majambo ya Petero ku Munsi wa Pentekote?" Murabona? Oya, ntivyigeze bihagarara!

> Mukunzi Mwagazi w'Intama wapfuye, Amaraso yaWe y'igiciro
> Ntazokwigera atakaza Ubushobozi bwaYo,
> Gushika aho Ishengero ryose ry'Imana ryacunguwe
> Rizokizwa, ubutagisubira mu vyaha.
>
> Rero muri iyo ndirimbo y'icubahiho cane, nziza cane,
> Nzoririmba ububasha bwaWe bwo gukiza,
> Igihe runo rurimi rugorwa, rugigimiza
> Ruzoryama mu mva rucecetse.

100 Mana Mfasha kwizera Ivyo no kuVyumirako, natwe twese, tuBihagarareko, kuko ni Ukuri kw'ubutumwa Bwiza! Ego, mushingantahe.

101 Umuntu w'umunyabwenge ntiyotegerejwe namba kuraba kur'ivyo bintu. Kandi akamenya ko ataco bizofasha. Ntivyigeze bigira ico bifashije. Idini ryitunganije n'ubunararibonye bwitunganije ntibizokwigera bigira ico bikora mu Nyonga z'Imana. Bitegerezwa kuza, bitanduye, bivuye ku Mana. Ntivyigeze bikoreshwa na rimwe n'Imana, nta gihe na kimwe muri kahise aho Imana Yigeze Ikoresha umukorere nk'uyo. Rero mwebwe, oo, mufise abanywanyi n'ibintu nk'ivyo. Ariko nshaka kuvuga yuko Urubuto nyakuri rw'Imana, Umuhezagiro nk'umwe wamanuka ku Munsi wa Pentekote, ntiwigera uzanana mw'idini; bica mu kuvuka, kuvuka ubwa kabiri.

102 Duhamagariwe gufata Isirayeli nk'i—nk'icitegererezo, niko bari bari. Ihweze neza, "Bari baMuhevye, isoko y'amazi yabashiriweho, maze biyimbira ibinogo bibika amazi." Mwoshobora kwiyumvira i—i—i—ikintu, iyo umuntu ari kw'iriba ridudubiza amazi, ariko aranywa, agaca ashaka kwiyimbira ikinogo co kubika amazi, murabona, ngo abe ari co anywako? Rero ivyo ni vyo umuvugishwa yavuze, ivyo ni vyo Ijambo Ry'Imana ryavuze. Ivyo ni vyo Imana Yabariye umuvugishwa. "MwaraNtaye kandi—kandi mwaraNtaye Jewe, Isoko y'amazi y'ubugingo; maze mwiyimbira ibinogo vyo kubika amazi, ibinogo vyase imigaga, kandi biva."

103 Murabona, ikintu, bashaka ikintu bashobora kugenzura, canke kwerekana ico bakoze. Ubwo ni—ubwo ni bwo busazi bw'idini ritunganijwe. Kwama bagerageza, bategerezwa kugiramwo ikintu cabo bwite. Bategerezwa kugira iyo

mikorere yose n'amashirahamwe, n'ibintu binaka: "Kandi ndi umunywanyi w'*iri* ubu." Aho kuba gusa abana b'Imana baciye bugufi, bashaka ikintu nabo boshobora kwerekana. Aho kureka Imana ngo Ibikore mu nzira yaYo, bashaka kubikora mu nzira yabo. Kandi ukwo niko iyo mikorere yashitse mw'ishengero uyu munsi. Si. . .Buri mukorere, umwe awushaka *ubu* buryo, uwundi akawushaka *buriya* buryo. Namba uri Umumetodiste, utegerezwa kuba muri *ubu* buryo. Umubatista, *ubu* buryo. Umuperesibiteriyano, Umugatolika, n'abandi bose, bafise imikorere yabo. Ntaco dupfa navyo, ariko ivyo si vyo ndiko ndavugako.

104 Umuntu ashaka uburyo bwiwe bwo kubikora, n'Imana Ifise uburyo bwaYo bwo kubikora. Kandi Yaravuze Iti: "Mwumira ku nzira zanyu, ikinogo case imigaga; kandi ntimwemera inzira yaNje, inzira y'Ubugingo."

105 Kandi ico nico kimwe n'uko biri uyu munsi. Ntivyahindutse na gatoya. Nimwiyumvire ingene ari ubusazi bw' umuntu guheba iriba ry'amazi y'umusarara adudubiza, hanyuma agashaka kuja ku kinogo case imigaga yiyimbiye we ubwiwe, akiyimbira ikinogo co kubika amazi, n'uwo mwanda wose uva hejuru y'iraro ugitemberamwo, maze akanya kuri yo. Ata nkeka hariho ikintu mu mutwe kitagenda neza kuri uwo muntu.

106 Kandi iyo umuntu yumiye ku kuntu idini ribona Ivyanditswe, aho kwemera Mpwemu Yera Agaragaza Ivyanditswe Akabigira bizima kuri mwebwe, haba hariho ikintu kitagenda neza mu buryo bwa Mpwemu kuri uwo muntu. Ni vyo neza na neza. Ata nkeka, Mpwemu Yera! Umwe wese afise insiguro yiwe ya Bibiliya, ico wiyumvira ko ari ciza. Imana Ntikeneye imfashanyo yanyu. Imana Ntikeneye insobanuro yanyu.

107 Imana ni Yo Musobanuzi waYo ubwaYo. Imana Itanga insobanuro mu buryo Yo—mu buryo Yo Yavuze ko Yobikoze. Umwami Yaravuze mu ntango Ati: "Nihabeho umuco," maze umuco urabaho. Ivyo ntibikeneye insobanuro n'imwe. Ivyo ni vyo Imana Yakoze. Yavuze Iti "inkumi izosama inda," yarayisamye. Ivyo ntibikeneye insobanuro n'imwe. Yavuze yuko "Izosuka Mpwemu WaYo ku bari n'umubiri bose," Yarabikoze. Ntibikeneye insobanuro n'imwe. Imana Isobanura Ijambo RyaYo UbwaYo mukuRishingira intahe, no mukuRigaragaza, no kuRyemeza.

108 Ukwo niko umuvugishwa yemezwa ko ari uw'Imana. Yavuze Iti: "Namba muri mwebwe, harimwo umuntu wa Mpwemu canke umuvugishwa, Jewe Uhoraho nzomwiMenyeshereza mw'iyerekwa, Mvuganire nawe mu ndoto. Kandi ivyo avuga nivyashika, muraca mumwubaha; ariko nibitashika, ntimuzomwubahe."

109 Nico kimwe n'iyo Imana Ivuze Ijambo ryaYo, umuntu agaca avuga ati: "Ijambo ni *Iki*," bigashika ukwo nyene, aho rero Iba ari Imana Ibikoze.

110 Ariko namba avuga ati: "Ni *uku* bimeze, iyo minsi yararenganye," aho rero ivyo bikuraho. . . Afata mu kuboko umukate w'abashonji, w'abana, maze akawubanyaga; kandi bariko baricwa n'inzara. Mbega wokwipfuza kunywa ku mazi y'ikinogo kandi hari iriba ry'amazi y'igitandara ritemba riri ng'aho?

111 Isoko y'Ubugingo ni iki? Ya soko y'Ubugingo, isoko y'Amazi y'ubugingo ni iki? Iriba ritemba amazi, niryo twoRigerereranya.

112 Ubu ndashaka yuko mwitegereza neza ubudasa hagati y'ikinogo n'isoko y'amazi y'ubugingo; hagati y'iriba ritemba amazi, n'ikinogo ca kera case imigaga ng'aho cuzuye udukoko, imiserebanyi, ibikere, imigera, n'ibindi, murabona.

113 Kandi aha hari iriba ritemba amazi. Ubu rero nimurabe ibi. Ririkwije ubwaryo. Ntibigusaba ko ugira imikorere ihambaye no kuzana amahera menshi muri vyo. Ntibigusaba ko wifatanya n'abanywanyi benshi. Rishigikira abanywanyi baryo, kubwa Mpwemu W'Ubugingo muri bo, Ari ku gikorwa.

114 Itegereze amazi arivamwo, afutse, y'umusarara adacafuye. Atari ikinogo kibika amazi, ikintu kidatemba cahawe inyigisho z'ivyiyumviro mirongo ine, canke mirongo itanu bitandukanye, bivuga ngo, "*Iki* ni ukuri, na *kirya* ni ukuri, n'*iki* ciyumviro," no kugira amatora no guhitamwo, nk'ukwo babikora, hanyuma rero bakabihinduramwo idini. Ni Ijambo ry'Imana rityoroye, ritanduye, kandi ritononekaye mu kiganza c'Imana. Ni iriba ry'ukuri ritemba amazi.

115 Raba neza, ibanga ry'ubushobozi bwaryo riri muri ryo nyene. Umuntu ntashobora kuritora. Hari ikintu gisunika, munsi yaryo, gituma ridudubiza.

116 Ndibuka igihe jewe, kera, nari umurinzi w'ishamba wo muri reta ya Indiana, narakunda guca hafi y'iriba rimwe, isoko, mu karere ka Harrison. Ryama ridudubiza. Kandi nyene, oo, vyasa nuko ari co kintu kinezerewe kurusha ibindi. Habaho shelegi hasi, ibibarafu, ryaba riri mu bibarafu, uko haba hakonje kwose, ryaguma ridudubiza; aho vya bidengeri n'amatanki vya kera vyakozwe n'abantu, yuzuye ibikere n'ibindi, vyaba biri ng'aho vyacitse ibarafu, vyakomantaye.

117 Kandi ivyo vyerekana ko idini iryo ari ryo ryose, kubwo kubura Mpwemu gatoya canke guhindura gatoya icuka, rica rikonja cane. Ariko iriba ry'amazi ry'Imana, We—We uko Yari Ari ejo, n'uno munsi ni ko Ari, kandi ni kwo Azokwama ibihe vyose, ukudududubiza, ugutemba kwaryo biguma birikuramwo imyanda yose. Nta mwanda n'umwe urimwo, uhereye n'ubwa mbere. Hagize icinjiramwo, rica rigiterera hanze ubwo nyene.

118 Iryo riba ryaradudubiza nk'uko, maze umunsi umwe ndicara ng'aho ndavuga, ndiyumvira nti, "Nibaza ko novugana n'iryo riba, akanya gatoya gusa." Narakuye inkofero, nca mvuga nti: "Mbega ni igiki kikunezereje? Ni igiki kigutuma ududubiza ukwo? Kumbure ni kubera impongo zikunywako, rimwe rimwe."

Iyoba ryari rishoboye kuvuga, ryari kuvuga riti: "Oya."

Nca mvuga nti: "Kumbure ni kubera yuko ndakunywako."

"Oya, si ivyo."

119 Nca mvuga nti: "None, ni igiki kigutyorora rwose, ata gacafu namba? None ni iki—ni iki kidudubiza, kigutuma ududubiza, wuzuye umunezero igihe cose, kandi ata kintu gishobora kugutuma ukonja? Uriterera hejuru, kandi nta kindi atari, amazi y'umusarara."

120 Iyoba ryari gushobora kumvugisha, murazi ico iryo riba ryari kuvuga? Ryari kuvuga riti: "Mwene Data Branham, si jewe ndudubiza, ni ikintu kiri inyuma yanje, kintera kududubiza." Kandi niko biri no kuri . . . Ni ijambo ridafise uburemere, ariko murazi ico nshaka kuvuga.

121 Kandi ukwo ni ko biri no ku bishika kuwuvutse ubwa kabiri. Ntushobora kubigumya. Ni i—iriba ry'amazi muri wewe, ridudubiza gushitsa mu Bugingo Budashira. Murabona, hariho ikintu kimwe kuri ivyo, ico ataco ufise ugikorako. Amatangi yakozwe n'abantu arashobora gukonja agacika urubura, agasaba umuvyuro n'ibindi; ariko umuntu ari munsi y'iryo Soko, agerereye muri iryo Soko, ni ijoro n'umutaga! Oya, ntibigusaba kurindira imvura n'imivyuro vy'aho hantu. Wewe uraYuzuye. "Nzomuha isoko y'Ubugingo, muri we, idudubiza." Hariho ikintu muri Ryo, cama ari gishasha iminsi yose, gihumanuye kandi kitanduye. Ni Ijambo ry'Imana ritavanze mu mutima no mu kanwa vyawe, ryigaragaza ubwaRyo, Ryivugira. Imvura yagwa, canke hagwa shelegi, uko ikirere coba kimeze kwose, uguma unezerewe kuko Mpwemu Yera Ari ng'aho Adudubiza. Ni Ubushobozi bunyegejwe. Raba neza. Oo, ibanga ryaryo riri muri ryo.

122 Riritanga ubwaryo, ku buntu, ku muntu uwo ari we wese aja kunywa no kwiha ku birigize. Rero si ivyo kwinenaguza, uvuga uti, "Rero, ntegerezwa gusa kuja kw'ishengero Metodiste kugira ngo ndonke umuvyuro kuko ndi Umumetodiste. Ntegerezwa kuja *ng'aha*, ariko (namba) ntegerezwa kuja mu Bapentekoti kuko ndi umunyamuvyuro wa Pentekote." Ndakubariye, iyo ufise iryo riba ry'Amazi adudubiza, iyo Soko, iyo munyoye kuri ryo, nta tandukaniro riba rikihari, uha uwurenganye wese. Wipfuza guha ivyizigiro vy'Ubugingo Umugatolika, Umuporoti, Umuyuda, umupagani, canke ico aba ari cose. Uri vy'ukuri, vy'ukuri ufise Ikintu muri wewe, kibikora.

123 Murabona ikindi kintu kijanye na vyo, ntibisaba ko uyapompa. Ntibisaba ko uyakwega, ngo uyapompe aduge

hejuru. Narabonye kenshi mwen'ivyo gushika naho bindwaza, gupompa ikintu ukiduza hejuru; kuvuza umugwi w'indirimbo, no gusimbasimba, canke—canke urutonde rw'inyandiko hiyo mu gisagara, n'ibimenyetso bininiya bihambaye, "Umuntu w'igihe."

124 Hariho Umuntu umwe gusa w'igihe, na We ni Yesu Kristo, We uko Yari Ari ejo, ni ko Ari uno munsi, kandi ni ko Azokwama ibihe vyose. Hari Intumwa imwe gusa y'Imana, uwo na we—uwo ni Yesu Kristo. Ego, mushingantahe.

125 Ntibigusaba kuBipompa ubiduza hejuru, canke kuBikwegera hasi. Nako, si, ntukeneye kwiyunga na Vyo. UraRyakira gusa, ku buntu. Amen. "Ni Jewe Soko y'Amazi y'ubugingo; mwaraNtaye, kugira ngo mugende kwikorera amatanki kanaka." Rero ntibikenewe ko uRipompa, uRipompa, uRikwega, wiyunga na Ryo, uRyimba, canke ikindi na kimwe. Usabwa gusa kuRinywako, ku buntu.

126 Ntunakeneye teworojiya yakozwe n'abantu ukeneye ngo ikubere igitambara co kiriyungurura, kugira ikubarire ibiRicamwo, ivyo Ryakoze. Ntayo. Teworojiya kanaka yakozwe n'abantu n'umukorere kanaka ujanye n'ivy'ubwenge, idini ryigira irigororotse muri *ibi*, n'*ibi*, canke ikinogo kibika amazi kanaka c'umukorere w'ivyo gusenga; ntavyo mukeneye. Ntibikenewe ko bihaba. Ushize akayungiro kuri Ryo, Ryoca rigaterera hejuru mu kirere. Ntaco bihurirako. Ririkwije ubwaryo! Ni Ubushobozi bw'Imana bududubiriza mu Bugingo. Ni kuki umuntu yoheba ikintu nk'Ico, akaja kwifatanya n'umukorere, birarenze ivyo noshora kuvuga. NtiRikeneye igitambara co kuriyungurura. NtiRigikeneye. Ntirikeneye kuba-. . .ntiRikeneye kurindira imvura y'aho nyene kugira ryuzure. Ryama Ryuzuye igihe cose. Amen.

127 Umuntu, nk'uko numva bavuga bati: "Merewe nabi uyu munsi." Oo, bagenzi!

128 Oo, nezerejwe no kuba mu Nyonga z'Imana, ibintu vyogenda neza canke nabi. Ni We Bugingo bwanje. Amen. Ni We Bugingo bwacu. Ni We Bugingo, Ubugingo busagutse. Ego, mushingantahe. Kandi—kandi raba ivyo Budukorera. Ubushobozi n'ubutungane vyaBwo biri muri Bwo nyene. NtiBukenera gukaburwa ngo buve mu kinogo canke uwundi mukorere n'umwe.

129 Umuntu umwe aravuga ati: "None, ikarata yawe y'umunywanyi iri he? Reka turabe ko uri Umubatista mwiza. Ndabe ko ufise ikarata." Canke—canke, ". . .Umupentekoti mwiza. . .namba uri uwo mu ba Nyabumwe. . . Abanyababiri. . .Abanyabutatu." Canke—canke ". . .ikindi ico arico cose." Murabona, NtiBukenera gukaburwa na gatoya. Bwama buriko buragenda. Ego.

130 Murazi, narigeze kuba mfise ico kinogo kibika amazi ca kera, nategerezwa kuvomeramwo amazi ngaca nshitura

ngashitura ngashitura, nkoresheje ipompo ikwega, kugira ngo ndayakuremwo; murazi, ubanza gusukamwo ayandi mazi muri co, ugasukamwo umurundo w'udukoko n'ibindi, kugira uze ukwege udukoko n'ibindi bintu. Ni nk'uko bigenda muri imwe muri iyo mivyuro itunganywa.

131 Ariko, Imana Ishimwe, "Hariho Isoko Yuzuye Amaraso, aho abanyavyaha boga muri uwo mugende!" Ntibagirwa abanywanyi b'ishengero; bahinduka Abakristo iyo baje kuri iyo Soko.

132 Ni gute woheba iyo Soko y'amazi y'ubugingo, ukanywa ku kiziba nk'ico?

133 Nta vyo gupompa; Ubushobozi bwaYo buri muri Yo nyene. Ntikenera gushiturwa, ego, mushingantahe, kuko (Yo nyene) Ubugingo bwaYo Bwite buri muri Yo nyene. Uko ni ko Urubuto rw'Imana rumeze mu mutima w'umuntu. Ubugingo bw'Imana buri mu muntu ku gatwe kiwe, si mw'ishengero, muri wewe, buri muri wewe, ni wewe ufise akagera k'Ubugingo muri wewe.

134 KuBuhonjako rimwe gusa birakwiye kugira ngo vyemeze abakuru b'ishengero b'ubwoko bwose. Mubaze umupatiri w'Umugatolika, mubaze Umubatista, uwo ari we wese. Guhonja gusa kuri iryo riba rihambaye ry'amazi apfutse, ndababariye, vyemeza ko Ivyo Ari Ukuri. Umushaha wawe ushonje, uko biri kwose, biremeza uwunyotewe, uko biri kwose. Rero nimba utanyotewe. . . Uwu Mubatista muto, ntiyari anyotewe, ubwa mbere na mbere; ariko igihe yanyoterwa, yasanze amazi aryoshe cane rwose. Ivyo ni vyo, ariko utegerezwa kugira inyota, "inyota ihezagiye," nk'uko Yesu Yayise. "Hahiriwe mwebwe abafise inzara n'inyota vyo kugororoka, kuko ari mwe muzohazwa." Amen. Yesu ni We Yabivuze, mugenzi. Ego, mushingantahe, ni Isoko Ihezagiye ku wunyotewe.

135 Kuki hogira umuntu n'umwe ashaka kuyiguza n'ikidengeri c'amazi? Ni gute wokwipfuza gufata iriba ritemba amazi ukariguza n'ikidengeri c'amazi, cuzuye udukoko n'imyanda y'ubwoko bwose vy'inyigisho zakozwe n'abantu, Imana naYo Ikaba Yavuze yuko: "Uwongera kw'Ijambo RyaYo, canke agakurako ku Majambo Yayo, umugabane wiwe uzokurwa mu Gitabu c'Ubugingo"?

136 Kandi igihe Imana Yasezeranye ko Izogaragaza iri Jambo muri buri runganwe, "Kuko isezerano ari iryanyu kandi ari iry'abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana Yacu," Ni gute woja gupompa ukoresheje ipompo y'imikorere yanduye haraciye imyaka, bivuye kuri manu kanaka ya kera? Kumbure iyo manu yari imeze neza, sindabirwanya, mu gihe ca Martin Luther, mu gihe c'*iki* no mu gihe ca *biriya*, n'abandi bagorozi, sindabirwanya; ariko iyo ni manu yakorotse haraciye igihe kinini.

137 Hamwe tworaba neza muri Bibiriya, tubona ko bategerezwa kuyitora buri munsi. Bategerezwa kuronka nshasha. Imaze gusaza gatoya, yaca ibora. Ntishobora kubora idashwanyaguritse. Itegerezwa kugira imigera muri yo, canke ikintu gi—gituma ibora. Turazi yuko ari ukwo biri.

138 Kandi ukwo niko imikorere imeze! bimaze kuguma ng'aho kuva ku muvyuro uhambaye bigashika ku wundi, bica vyononekara bikuzura udukoko, bikamera nk'ikinogo c'amazi cuzuye inyo, nk'uko dukunda kuvyita, udukoko dutoya twa kera tunyagara muri yo.

139 Kandi iyo ni yo ngorane mu vyo abantu benshi cane bacishwamwo vy'ibimenyamenya uyu munsi. Bu—buzuye gusa inyo, zinyagara ziva kuri umwe zija ku wundi, no kuri umwe zija ku wundi, bavuga ibitito bitarimwo Ukuri namba. Ivyo ni vyo, zinyagara ziva muri umwe zija mu wundi. "Nari Umumetodiste; nifatanije n'Ababatista. Nari Umugatolika; nca nja kuba *iki*. Nagiye kuba *kiriya*." Ni inyo gusa.

140 Oo, nimwibagire ivyo bintu vyose, muze kw'Isoko (Amen!), Iriba ritemba amazi, mu Nyonga za Kristo zamaho ibihe vyose! Ndizera yuko We Ari Isoko idakama y'Ubugingo. Ukwo uronka vyinshi muri We, niko rirushiriza kuba rishasha, kandi niko rirushiriza kuba iripfuse, niko riba ryiza, kandi niko rirushiriza kuryoha. Maze imyaka mirongo itatu n'itatu ndaMukorera, kandi buri munsi urushiriza kuryoha kurusha umunsi umwe w'imbere yawo. Sinigeze mba . . . Yavuze yuko utazigera unyoterwa na rimwe ni twanywa kuri aya Mazi. Mwitegereze ingene Ari ibihambaye. Oo!

141 Isirayeli yakoze nk'uko benshi bakora uyu munsi, bahevye isoko y'amazi y'ubugingo, bagenda kwiyimbira ibinogo bibika amazi.

142 Ubu tuvuge ivyerekeye ubuntu akanya gatoya gusa, ivy'ubuntu bw'Imana. Turafise ivyagezwe n'amategeko, "Kandi iyo utari muri urwo rwego . . . ndafise igipimo co gupima ivyo gusenga; asangwa utaragera kuri urwo rwego, utegerezwa, ntushobora kwinjira," n'ibindi n'ibindi. Ariko Imana Idukiza kubw'ubuntu, si kubw'ingero yo gupima. Murabona? Ariko Imana, tuvuge kuvy'ubuntu ubu, ingene ivyo vyashitse, kandi banywa kuri We, uvuye kuri iyi ngero yo gupima . . .

143 Kwidodomba, Isirayeri yariko iridodomba. Nimurabe, Yavuze Ati, "Nzokongera kubagendera." Nimwihweze mu Vyanditswe. Nimwihweze, Azobagerageza, yongere kubagendera. Isirayeli yariko iridodomba, ku Kiyaga Gitukura, basabwe kuMukurikira baciye mu mazi y'ibidengeri ya Egiputa, ngo babe ihanga ryidegemvya. Bari abaja. Bari batumiwe kuza kuba ihanga ryidegemvya, hamwe na We. Baciye mu Kiyaga Gipfuye, Ikiyaga Gipfuye; Ikiyaga Gitukura, nako, bagicamwo,

baja mu bugararwa, ngo habeho itandukaniro hagati yabo n'abiganyi bagerageza kuvyigana, batakebwe.

144 Oo, ivyo nivyo vyazanye ingorane. Bose baguye mu bu. . ., canke neza—neza mu kiyaga, Farawo n'ingabo ziwe. Bari babonye abantu bagendeshwa n'Inkomezi z'indengakamere, n'uko baragaruka bagerageza kwigana ivyo, batari mubagenewe umuhezagiro. Kandi igihe babikora, barahonye. Kwari ukwigana kwo mu mubiri.

145 Umuntu agerageza gukora ivyo, agerageza kwigana ikintu kanaka, aba ariko agira ukwigana kw'umubiri yigereranya n'Umukristo w'ukuri.

146 Mwene Data w'Umuhindi hariya arabizi. Ugiye i Bombay uzobona abantu hariya, Abahindu n'abandi, baryamye ku misumari no hejuru. . .batambukira ku birahure kandi—kandi bakagendagenda mu muriro, kugira ngo berekane ivyo bashoboye gukora, n'ibintu nk'ivyo. . .Ukwo ni ukwigana kw'umubiri umuntu kanaka ari mw'ishamba hariya, akora ivyo nk'ikimazi ku mana yiwe.

147 Ivyo turabisanga mu buzima bwose bw'ivyo gusenga, ukwigana kw'umubiri, umuntu agerageza kumera nka naka wundi. Hari akarorero kamwe gusa ko kwigana, ni kuba nka Yesu Kristo, We Ari We Jambo. Hanyuma rero igihe Ijambo ry'Imana Rije kuri wewe, bimera uko nyene.

148 Ariko Imana Yarabarongoye neza na neza ibajana mu gihugu c'isezerano, ukwo biri kwose. Igihe batangura urugendo rwabo ruca mu bugaragwa, basanze, amatangi yose, bamaze kwitandukanya, basanze amatangi yose yarumye, kuri bo.

149 Kandi uzosanga biri uko nyene, mwene Data, iyo utanguye uru rugendo uja mu Gihugu c'isezerano. Uzosanga inzugi zugaye. Nk'uko wa muvugabutumwa mutoyi, w'umu Anglikani yavuze, canke ico ari cose, kandi, ikintu ca mbere murazi, ishengero ryiwe ryaciye rimuta hanze. Murabona, mu gihe yari afise benshi yashikanye ku kuronka Mpwemu Yera, ivyo vyaciye biba iherezo ryavyo.

150 Kandi natwe. . .Isirayeri nk'uburorero, yasanze ikintu nk'ico nyene, mu rugendo rwabo baja mu gihugu c'isezerano. Amatangi yose yari yumye. Ego, urugendo rwabo mu kwubaha Ijambo ryiWe ryasezeranywe, urugendo rwabo, mu matangi, basanze amazi yarakamye. Rero basanze itangi—amatangi batashobora kuyishimikiza, mu rugendo.

151 Kandi igihe ugiye mu rugendo kubwo kwubaha Ijambo ry'Imana, ukagerageza kwiyunga n'*ibi* na *biriya*, uzosanga ata tangi na rimwe mw'isi rishigikira Ivyo. Nta na rimwe. Uri umuntu ku giti cawe. Imana Ikurongora mu nzira Ishaka kukurongoreramwo. Rero, turasanga ikintu nk'ico nyene uno munsi, kandi amatangi yose yarumye.

152 Ariko isezerano, ryama na ntaryo ari ukuri, ku Mana Ishikana isezerano ryaYo ku bantu baYo. Yasezeranye kuzobaronsa ivyo bakeneye vyose, rero Yarabikoze. Hagati mur'ayo matanki atagira amazi, yumye, mwiyumvire kuri ivyo, Isirayeli yidodomba, mu bugararwa, mu rugendo rwabo, Yahamagaye umukozi-murongozi waYo, umuvugishwa Mose, ku ruhande, Ica Yugurura isoko y'amazi y'ubugingo, biciye ku Gitandara gikubiswe, ngo abana baYo bizeye ntibahone.

153 Muri iki gihe, ivyo bivuga kuvyerekeye ubuntu, kuri jewe. Turi abatabereye. Uko twakoze, ukwo twabayeho, ntitubereye.

154 Ariko Imana, muri iki gihe, nk'uko bimeze nyene muri iki gitondo, nimurabe, ku Bametodiste, Ababatista, Abaperesibiteriyano, Abagatolika, na bose, Yaruguruye Isoko. Abaheburayo 13 haremeza ibi, ko uko Yari Ari ejo, n'uyu munsi ariko Ari, kandi ari ko Azokwama ibihe vyose. Rero ivyo bi—bigira ukuri, Yohana 3:16, "Kuk'urukundo Imana Yakunze abari mw'isi ari rwo rwatumye Itanga Umwana waYo w'ikinege, ngo uwuMwizera wese ntazopfe rubi, ariko ahabwe Ubugingo Budashira."

155 Kandi yamanitswe kubw'impamvu nyinshi, kubera abantu bariko baridodomba kandi bacumura, bari bakomowe n'inzoka bariko barapfa; no kubwo guharirwa ivyaha vyabo, no kubwo gukira indwara zabo.

156 Kandi iYo ni ya Soko nyene yuguruwe kubwacu uno munsi, kubw'agakiza kacu no kubwo gukira indwara zacu, ugukira kw'umubiri. "Kuko uko Yari Ari ejo, ni ko Ari n'uyu munsi, kandi ni ko Azokwama Ibihe Bidashira."

157 Kandi igihe Igitandara Cakubitwa kubw'itegeko ryatanzwe n'Ijambo ry'Imana ryasezeranywe, Catanze imifunda y'amazi meza y'umusarara; atari—atari ayadatemba, atari ayanduye, ariko Ukubaho kw'Imana Ubwakwo. Amazi y'umusarara, kandi yakijije abayanyoye bose. Ubu rero turazi yuko ivyo ari ukuri, kuko tubisoma mw'Isezerano rya Kera, nk'ikigereranyo.

158 Rero, ntiwategerezwa kuyakwega, kuyapompa, kwifatanya nayo, kuja mw'iseminari kwiga ingene bayakoresha. Bazokubwira ingene bayakoresha hariya, murabona, "Oo, neza, mwebwe, nimba mwararonse Mpwemu Yera, turavyizeye, ariko rero mu—mubikore *gutya*."

159 Ariko, murabona, nta kubisuzuma. Si mwebwe mukoresha Mpwemu Yera; Mpwemu Yera ni We Abakoresha, murabona. Murabona, ni wewe, si wewe ukoresha Mpwemu Yera; Mpwemu Yera ni we Agufise. Ingabire si ikintu utora, nk'imbugita, hanyuma ukayisongoza ikaramu y'igiti. Ni ukwihebera Imana, ukivana mu nzira kugira ngo Mpwemu Yera Ashobore kugukoresha.

160 Mwihweze, ntivyigeze bisaba ko bayapompa canke bayakwega, canke ngo bigere babaza bati: "None ni gute

tuzokoresha aya mazi?" Kuko, bari bazi ingene bayakoresha. Bari banyotewe. Baramenye ico bayakoresha.

161 Kandi niko biri ku mugabo canke umugore, uko, utitayeho nemera canke idini arimwo. Asangwa anyotewe Imana, ntibikenewe ko yirukira mw'iseminari, nk'uko uyu mwene Data w'umu Anglikani yagize, canke nako wa mwene Data w'Umwongereza, ejo ku mugoroba, yasubiye inyuma kugisha inama ishengero ry'Abanglikani, ingene yokoresha iyi ngabire ihambaye yari yaronse, yo kuvuga mu ndimi, n'ingene yoshobora gukora *ibi*. Bomwirukanye, ubwa mbere hoho. Murabona? Yari anyotewe, kubw'ivyo Imana Ica Iramwuzuza. Ivyo gusa. Ni ukunyoterwa, hanyuma Igaca Ikuzuza.

162 Ntukeneye ukugenzurwa na kumwe, umuntu kanaka akubwira ico woyikoresha. Imana Irongora umuntu wese ku giti ciwe uko—uko Igomba ko ukora. Uri u—umuntu, ubwawe. Uri igice c'Imana. Nta muntu ashobora gufata ikibanza cawe. Kandi ntibikenewe ko ugenda ku muntu kanaka, ukavuga uti ubu, nsabwa "kuyikoresha *ibi,* " canke nsabwa "kuyikoresha *biriya*." Oya, mushingantahe. Imana Ibikoresha ukwo—ukwo Ibishaka. Iyo unyotewe, urazi ntakindi ukora atari ukunywa amazi.

163 Kandi namba ufise inyota muri iki gitondo, nywa kuri Yo, ico ni co conyene co gukora. Imana Yarategekanije inzira kubw'inyota yabo, abana banyotewe banywa kuri We ata kiguzi. Kandi Imana Yaciye inzira ku mugabo n'umugore wese muri iki gitondo, ashonje kandi anyotewe. Kumbure hariho abantu bicaye hano, batarigera bakizwa. Hariho abantu bicaye hano bari hafi yo gukizwa.

164 Hari abantu hano, bicaye hano nk'abanywanyi b'ishengero, bashaka gukora ivyiza, ariko muriko munywa kw'itangi. Ntibazokwigera bababwira uku Kuri.

165 Ikintu conyene co gukora, ni ukuza, ugafata isezerano ry'Imana ukaza kw'Isoko, hanyuma Azokumara inyota. "Uzonywa kuri iri Soko ntazongera kunyoterwa ukundi."

166 Mwihweze ubu ingene—ingene Yabohoye abiWe—abiWe bakiriye ayo mazi, kubw'ubuntu, atari biciye mu mikorere kanaka, canke mu kinogo c'ubumenyi. Yemeza ko Ijambo ryaYo, ari isoko y'Ubugingo. Ni bangahe muri mwebwe hano bazi ko baronse Ubugingo igihe mwakira iryo Jambo n'amazi yiWe, murazi vy'ukuri ko mwaronse Ubugingo?

167 Reka dufate, neza, nk'akarorero, akandi karorero gusa, canke bubiri, hanyuma nce ndangiza mu mwanya mutoya. Nte—ntegerezwa kugira ca gifungo ahantu hanaka. Ariko nimurabe. Mbandanya mvuga, ariko sivyo nshaka gukora. Nimurabe, reka mfate akarorero nk'abantu bakeya gusa.

168 Reka dufate wa mugore wo kw'iriba rya Yakobo, iriba bimvye. Yari yicaye ng'aho. Ico uwo mugore yari azi gusa, ryari iryo riba aho yaza kuvoma amazi. Yishimikije iryo riba,

yabonye muri ico gicapu ciza hariya, Umuntu Yicaye aho, Umuyuda. Kandi yari Umusamariyakazi, wo mu gisagara ca Sukara. Kandi turabona ko Uwo Muntu, uwo Muyuda, Yabwiye Ijambo ritamenyerewe uwo mugore, Yavuze Ati: "Mpa amazi yo kunywa."

169 Nawe aca avuga ati, "Turanenana. Si—si vyiza kuri Wewe kumbaza ikibazo nk'ico; Wewe Uri Umuyuda, nanje ndi Umusamariyakazi."

170 Yavuze Ati, "Iyo uba wari uzi Uwo muvugana, ni we wari kuNsasaba amazi yo kunywa, naNje noguha amazi aho utazosubira kuza kunywa kuri iri riba; rizoba ari iriba ridudubiza muri wewe." Nimwihweze igihe yaronka icemezo ko ivyo ari Ukuri!

171 Ubu rero, ubwa mbere, umuntu wese yari gushobora kuvuga ivyo. Ariko yavuze ati, "Muvuga ngo i Yerusalemu ni ho dukwiye gusengera, natwe dusengera kuri uyu musozi."

172 Aca Avuga Ati: "Agakiza gaturuka mu Bayuda. Twebwe turazi ico twizeye. Ariko" Aca Avuga Ati: "Reka nkubwire ikintu kimwe," mu majambo nk'aya, "si kuri uyu musozi, canke i Yerusalemu. Kuko igihe kirashitse aho uwusenga Imana azoYisengera muri Mpwemu no mu Kuri, kuko Data Arondera abaMusenga bameze batyo." Aca Avuga Ati: "Genda uhamagare umugabo wawe uheze ugaruke hano." Itegereze neza, Hano ni ho havyemeza. Aha herekana isoko yari ariko iyo ari yo. Yavuze Ati, "Genda uhamagare umugabo wawe uheze ugaruke hano."

Aca avuga ati, "Nta mugabo mfise."

173 Aca Avuga Ati, "Uvuze ukuri." Murabona, ivyo vyasa n'ukuvuguruzanya kugaragara n'ivyo Yariko Aramubaza, Aca Avuga Ati: "Genda uhamagare umugabo wawe."

Nawe ati: "Nta mugabo mfise."

174 Aca Avuga Ati: "Uvuze ukuri." Ati, "Kuko wagize batanu, kandi n'uwo ufise ubu si rwawe."

175 Raba uwo mugore, ingene yari atandukanye n'abaherezi b'ico gihe! Abaherezi b'ico gihe babonye ikintu nk'ico gishitse, baca bavuga bati: "Iyo ni idayimoni, ni ugusoma ivyiyumviro canke—canke Belezeburi." Murabona, barananiwe kubona ko Iryo ryari rya Jambo ryasezeranywe.

176 Ariko uwo mugore akiri muto yari azi Ivyanditswe kurusha umuherezi uwo ari we wese. Yavuze ati, "Mugenzi, ndabona ko Uri umuvugishwa. Twari tumaze imyaka amajana ane, atawe turonse, kuva kuri Malaki. Ariko," yavuze ati, "twari tumurindiriye, kandi turazi ko hariho Umwe Ategerezwa kuza, ni Mesiya. Kandi niYaza, ivyo ni vyo Azokora."

Yesu Aca Avuga Ati: "Ni Jewe nyene." Amen.

177 Mbega mwabonye, yaciye asiga umubindi wiwe ku kinogo kibika amazi ca Yakobo, yiruka mu gisagara; yuzuye isoko y'amazi idudubiza! Yari yabibonye bigaragajwe mu buryo butunganye, kandi ni We Yari Isoko y'Ubugingo. Reka ndabereke uyo mugore. Uwo mugore yaciye asiga ivyo; igihe Yagaragazwa ko Ari We Jambo ry'Ubugingo. Yarabisize; yari yabonye ko ca Gitandara nyene, Cakubitwa mu bugaragwa, Cagaragajwe ko Kiri aho ako kanya.

178 Reka mvuge nti, Ya Mana nyene y'igihe ca kera, Iyo tuvuga ivyaYo cane, Iri hano aka kanya; si kubwo gutahura kwa teworojiya, ariko kubwo kumenya ubwawe ukugaragazwa kwiWe ko yosutse muri iki gihe ca nyuma, Mpwemu Yera kw'Ishengero ryiWe. We si "Nahoze". Aracari "Ndiho" muri kubu, ibihe vyose.

179 Rero aho ikinogo kibika amazi cari catakaje akanovera kaco. Niko bimera ku muntu wese yinjiye mu nkomezi z'Imana, biciye ku mubatizo wa Mpwemu Yera, imikorere y'idini ica itakaza akanovera kayo. Ntusubira gushaka kandi urwo rudigi rw'ibikere, n'imiserebanyi n'udukoko, n'ibindi. Uba uriko uranywa kw'Isoko y'amazi mashasha y'umusarara, Ijambo ry'Imana, yama ari mashasha igihe cose mu mushaha wawe. Ni ko biri n'ubu, igihe Ijambo Ryagaragajwe ko Ari Ukuri, honja wumve ko atari ukwo.

180 Ikinogo caragize akamaro, caragize akamaro mu gihe caco; ariko, murabona, Isoko y'Ubugingo Yari aho, ntiryari rikiri iriba rya Yakobo, nk'ikinyobwa ca mpwemu. Bari bibaza ko, hamwe bonywa kuri iryo riba, kuki, ko vyari kuba ari vyiza; ariko ubu Isoko y'Ubugingo ubwaYo Yari aho.

181 Ubu ntidukeneye imikorere n'amadini dufise. Turi mu gihe c'iherezo. Kandi Imana Yarasezeranye, muri iki gihe c'iherezo, ibintu Yokoze. Kandi tubibona bishika, kw'Ijambo. Turumva abantu bakomeye muvy'igisirikare, bahaguruka, bakajugumira, bakavuga, bo, bati: "Hari Ikintu kinaka kiri mu gushika." Turumva Mpwemu Yera Atugabisha ko hari ikintu kinaka kiri mu gushika. Turabona ibintu vyose bija ku rutonde. Rero, va muri iyo mikorere hanyuma uze kw'Isoko. Ego, mushingantahe.

182 Iriba ryari ryaragize akamaro, ariko ubu yari amaso mu yandi na ya Soko ubwaYo.

183 Muri Yohana 7:37-38, Yesu Yavuze ko ku munsi uherukira ya minsi mikuru, niwo munsi uruta iyindi (mbega Yavuze iki?): "Namba hari ufise inyota, naze kuri Jewe, anywe." Neza na neza hagati mu mugwi w'abanyateworojiya! "Namba hari ufise inyota, naze kuri Jewe, anywe. Kuko Ivyanditswe bivuga ngo, inzuzi z'Amazi y'ubugingo zizotemba ziva mu nda yiwe."

184 Ng'iyo ya Soko y'ubugingo. Iyo ni Yo Soko abantu bahevye uyu munsi. Kubwa za nemera, barahevye Isoko y'Amazi

y'ubugingo. Reka ndaMubereke. We, kuri jewe. . . kandi ndiko ndaheraheza.

185 We, ku jewe, Ni We ya Soko Yakiza ubuzima bwa Hagari, n'umwana, igihe bariko barapfira mu bugaragwa.

186 Nibaza ko Ari We Ca Gitandara, muri Yesaya 32, ni Ca Gitandara mw'isi igadutse. Ni ubwugamo mu gihe c'igihuhusi.

187 Zekariya 13, Ni Isoko Yugurutse mu nzu ya Dawidi, kubw'icaha. NdaMwizeye ko Ari yo. Namwe si uko?

188 Muri Zaburi 36 : 9, Ni Isoko y'ubugingo ya Dawidi. Ni Amazi adasuma ya Dawidi, n'icanya c'ubwatsi butotahaye. Ni we Mazi yo ku nkengera y'uruzi, kuri Dawidi.

189 Mw'Itanguriro 17, Ni ibere Aburahamu yonka, El Shadayi. Mu gihe ubuzima bwari bwamuvuyemwo, nubwo ya. . . Imana Yari Yabivuze.

190 "Umugabo w'imyaka ijana, ivyo bintu bizogenda gute? Ndashaje, umugore wanje arashaje, ivyo bintu vyoshika gute?"

191 Yavuze Iti, "Jewe ndi El Shadayi." Rero *El* ni "rya" hanyuma—hanyuma *Shaddaï* ni "ibere" kandi Shaddaï riri mu bwinshi, rikaba risigura "Ndi Imana Ifise amabere."

192 Nk'umwana arira kandi arwaye, inkomezi zamuvuyemwo, aryama ku gikiriza ca nyina hanyuma akonka ngo inkomezi zigaruke. Vy'ukuri. Atari gusa. . . Igihe ariko aronka, ntasubira kurira. Kw'ibere rya nyina, arahaga igihe aba ariko aragarukana inkomezi.

193 Kandi buri muntu yakiriye isezerano ry'Imana mu mutima wiwe, ko, "isezerano ari iryawe, n'abana bawe, n'abari kure bose, abazohamarwa bose n'Umwami Imana Yacu," mugaca muryama kuri ryo mukonka ngo mugarukane inkomezi. Mwana urira, izere ivyo! Ni ivy'abizera.

194 Ku munyavyese yizera, ndashobora kwiyumvira ku ndirimbo nyinshi z'abanyavyese baturonkeye. Hari umwe muri bo yavuze igihe kimwe, We:

Hari Isoko Yuzuye Amaraso,
Yavuye mu Mitsi ya Emanweli,
Abanyavyaha bibijwe muri uwo mugende,
Bakurwako ico ry'ivyaha.

Ca gisuma cariko kiracikana caranezerewe kubona
Iyo Soko mu gihe ciwe;
Nanje aho ndashobora, naho ndi mubi nka we,
Kwozwa ivyaha vyanje vyose.

Kandi kuva ico gihe mu kwizera nabonye iyo soko
Uwo mugende uva mu nguma zaWe

Urukundo rucungura rwabaye indirimbo yanje,
Kandi izokwama ari iyo gushika mpfuye.

195 Kuri jewe, ni We Mazi y'Ijambo yo Gutandukanya, Agutandukanya n'ikintu cose kinyuranye n'Ijambo ryiWe. Nizeye ko Ari We iryo Soko. Ego, mushingantahe. Ayo, ni Amazi antandukanya n'amariba yimbwe n'abantu, akanshira kw'Isoko y'Amazi y'Ubugingo. Oo, mugenzi, ndashobora gusa. . .Twoshobora kubandanya ubudahengeshanya tuvuga, ivyo—ivyo Ari kuri twebwe! Ni Alufa na Omega. Ni Itanguriro, Ni Iherezo. Ni Uwamyeho, Ariho, kandi Agire Aze. Ni Igishitsi n'Umunago wa Dawidi. Ni Inyenyeri yo mu Gaturuturu. Kuri jewe ni Vyose muri vyose.

196 Kandi, mwene Data, mushikanje, namba mutararonka i—i. . .Wanyoye gusa kw'itangi ntoya yakozwe n'abantu, ubuzima bwawe bwose, kuki muri iki gitondo utoheba iyo tangi ntoya ukaza kuri iri Soko?

197 Reka twunamike imitwe yacu umwanya mutoya. Mwunamitse imitwe yanyu. . .[Mushikiwacu umwe atanguye kuririmba mu rundi rurimi. Agace ata kiriko kuri bande—Umw.]. . .ku bwanje, ni ihamagarwa kwihana. Ni bangahe ubu?

198 Na—nari mpagaritse umutima, ko na—nabafatiriye cane, vyantumye ncagagura Ubutumwa bwanje. Ariko ndizeye ko Mpwemu Yera Ashaka ko mutahura ico nshaka kuvuga. Nimurabe, nta kintu na kimwe gihambaye muri iki gihe kiruta kwitatura n'Imana ; murabona, imfungurwa zacu zo mw'ijoro, icari co cose, icari cose. Umwami Ari aha. Ubu, ivyo navyumvise rimwe gusa mu buzima bwanje, kuva aka kanya.

199 Ubu mbega. . .mwese muri hano, atari "ni bangahe." Mwese muri hano abashaka kunywa kuri Yo, ni muhagarare gusa umwanya mutoya, dusenge. Imana Ibahezagire. Umwami Abahezagire.

200 Ni bangahe hano ubu, ba—bahagaze hano aka kanya, bovuga, mu kuduza ukuboko nk'*uku*, bati, "Mana, Ngendera, maze Unyuzuze, ndeka nywe kuri iri Soko. Sinakoze ibibereye, ariko nsha—nshaka Umbabarire kur'ivyo. Nshaka Unyoze ivyaha vyanje. Kandi mbe—mbe—mbe, kuva uno munsi, koko. . ."? Ndabira ibi gusa! Bagenzi!

Hari Isoko Yuzuye Amaraso,
Yavuye mu Mitsi ya Emanweli,
Abanyavyaha bibijwe muri uwo mugende,
Babakurwako ico ry'ivyaha.
Barakurwako ico ry'ivyaha,
Barakurwako ico ry'ivyaha;
Abanyavyaha bibijwe muri uwo mugende,
Barakurwako ico ry'ivyaha.

201 Ubu rero, Wewe Mukristo wizera, wakiriye Kristo nk'Umukiza Wawe, ariko ukaba utari. . . Ubu namba utarabikora, ng'iyi Isoko. Imwe yonyene nzi ni iyo Soko iva mu mitsi ya Imanuweli. Ubu, kandi namba benshi muri mwebwe hano. . .

202 Ni nka kurya nariko ndavuga rya joro ku bijanye na kirya giswi c'inkona catemberana n'imiswi y'inkoko mu kinyankoko. Nta kindi kintu cari kizi atari inkoko, ariko cari kizi muri co ko hariho ikintu cagitandukanya n'inkoko. Hanyuma rero nyina waco yaraje kukirondera, iraheza irasemerera iri hejuru. Kwari uguhamagara kw'inkona. Murabona, vyasaba ko iba inkona, kuva mu ntango, atari ukwo ntiyari gushobora namba kumenya ukwo guhamagara. Murabona, ya. . .

203 Hategerezwa kuba ikintu kinaka ngaho, camejejwe, atari uko ntibishobora gutanga Ubugingo. Kandi namba Urubuto, Ijambo ry'Imana, riri muri wewe, Mpwemu Yera Ari ng'aha ubu ngo Arimeze kandi Arishikane kuba ikinyakuri kuri wewe.

204 Ni bangahe hano batararonka umubatizo wa Mpwemu Yera, mwoshobora kuduza ibiganza vyanyu? Ku mpande zose, hose, ni mube imvugakuri, asangwa mutararonka Mpwemu Yera, kandi mukaba mushaka kuMuronka, duza ibiganza vyanyu. Aho muri hose, duza gusa ibiganza vyanyu, akanya gatoya.

205 Ubu nshaka, mwebwe muhagaze iruhande yabo mubitegereza, nshaka yuko haba umuntu kanaka abarambikako ibiganza.

206 Nibaza ko aka kanya nyene Mpwemu Yera Yuzura umuntu wese muri mwebwe aMushaka. Ubu rero ntimwiyumvire ku mfungurwa za hariya mu buriro. Reka twiyumvire kuri izi Mfungurwa hano. Izi ni Zo zo. Ubu ni bwo Bugingo. Murabona, ubu ni Ubugingo.

207 Ubu rero nimuhindukire umwe wese muri mwebwe, murambikaneko ibiganza. "Bazorambikako ibiganza!" Rero ngomba yuko usengera uwo muntu warambitseko ibiganza. . .

208 Ubu rero ntimwiyumvire ivyo gusohoka. Ntimwiyumvire ikindi kintu na kimwe. Mwiyumvire gusa, aka kanya nyene, ko Mpwemu Yera Ari ng'aha ngo Yuzuze buri muntu wese. Ugurura umutima wawe, kuramwo amazi y'ibinogo yose, hanyuma uvuge uti: "Oo Soko y'Ubugingo, nyinjiramwo. Nyuzuza, Oo Mwami Imana, ubwiza n'imbabazi vyaWe."

209 Mwami Yesu, Soko Idakama! Ndasenze, Mana ngo Ubuzuze bose. Mpwemu Yera Amanuke hano. Ndasenze, Mana, ngo twibagire ibindi vyose; ngo Mpwemu Yera Amanuke hagati muri twebwe, ubu nyene, Aduhe ayo Mazi y'Ubugingo, ku buntu, hose. Ubiduhe, O Mana. Mu gihe gusenga no kuririmba bi—bibandanya, binywanira hamwe, Mwami, turazi yuko uku ari Ukubaho kwaWe, Ukubaho kwawe kwa Kimana, dushaka kuza kw'Isoko. Dushaka umubatizo w'ukuri, wo kw'itsitso

wa Mpwemu Yera. Mwami, aba bantu bariko baWusaba. Ndasenze ngo, uyu mwanya nyene, buzure ubu bwiza bw'Imana. Bituronse, O Mana. Wumve amasengesho y'abana baWe. Umanuke ku buzima bwabo, Ububasha bw'Imana, na Mpwemu Yera, bibashware. Bituronse, Mana.

210 Ese ingene tuGushimira kubw'akabombekera, n'Ukuba hano kw'Imana Mushobora vyose Yo mw'Ijuru, Ihagaze hagati yacu ! Kuri iyi saha y'umutaga, Mwami, Tugaburire! Mwami, dushaka Ibifungurwa bivuye ku Meza yaWe. Tugaburire, Mwami, aka kanya. Tugaburire Mpwemu Yera, mu buzima bwacu. Imishaha yacu ishonje yumye iranyotewe. Nk'uko Wabivuze mu gusigura indirimbo ko, "Amazi yosutswe kw'isi igadutse." Reka bishike, Mwami. Reka ayo Majambo agaragazwe mu mitima y'abana baWe, "Amazi kw'isi yumye, igadutse." Mana Ihoraho, Wumve ugusenga k'umusavyi waWe, kandi Uduhe uwo Muhezagiro. Amen.

Oo, ukuntu nkunda Yesu,

211 Bandanya muMushima ubu. Murazi ko, Mpwemu Yera Ari hano. Namba mudashaka kuMwakira, ni ikosa ryanyu.

. . . ukuntu nkunda Yesu,

"UraNkunda kuruta uko aba baNkunda?"

. . . nkunda Yesu,
Kuko Yabanje kunkunda.

Oo, ukuntu nkunda . . . (Imana Ishimwe!)
oo, ukuntu nkunda . . . (Mbega Yoza uyu mwanya vyogenda gute?)
Oo, ukuntu nkunda Yesu,
Kuko Yabanje kunkunda.

SinzoMuheba namba,
SinzoMuheba namba,
SinzoMuheba namba,
Kuko Yabanje kunkunda.

Igitangaza, igitangaza, Yesu ni ko ari kuri je,
Umujanama, Umukama w'Amahoro, Ni Imana Nyenubushobozi;
Oo, Ampa agakiza, Andinda icaha cose n'isoni,
Umucunguzi Wanje ni igitangaza, . . . ryiWe rishimwe

212 Muze ubu tuMuririmbire!

Igitangaza, igitangaza, Yesu kuri jewe ni,
Umujanama, Umukama w'Amahoro, Imana Nyenubushobozi;
Oo, Ampa agakiza, Andinda icaha cose n'isoni,
Umucunguzi Wanje ni igitangaza, Izina ryiWe Rishimwe!

213 Abo bose biyumva ukwo, muvuge muti, “Amen.” [Ikoraniro rivuze riti, “Amen.”—Umw.] Oo, haleluya! Ndabona abantu bamwe bariko babishikako ubu, baronka Mpwemu Yera.

> Nari narazimiye, ubu narabonetse, nta rubanza runyagira,
> Yesu Atanga umwidegemvyo n’agakiza kuzuye;
> Ampa agakiza, Andinda icaha cose n’isoni,
> Umucunguzi Wanje ni igitangaza, muhimbaze . . .

Reka tuduze ibiganza vyacu ubu kandi vyukuri tuMu . . .

> Oo, igitangaza, igitangaza, Yesu kuri jewe ni,
> Umujanama, Umukama w’Amahoro, Ni Imana y’ubushobozi;
> Oo, Ampa agakiza, Andinda icaha cose n’isoni,
> Umucunguzi Wanje ni igitangaza, Izina ryiWe Rishimwe!

214 MuraMukunda? Oo, igitangaza! Hahimbazwe iyo Soko yuzuye Amaraso, aho abanyavyaha bakurwako ugutinya umuntu, ugutsindwa kwose, bakidegemvya gusa muri We. Haleluya! Oo, mugenzi, ivyo ni vyiza cane koko!

215 Mu gihe twongera kuyiririmba, reka Abametodiste, Ababatista, Abagatolika, Abaperesibiteriyano bose, mwese, mu gihe turirimba iyi, “Igitangaza, Yesu kuri jewe Ni Igitangaza,” reka duhindukire kandi turamukanye, turonke ukuvangana kwiza kwa kera. Murabizi, jewe, ivyo ni vyo nkunda. Nimuze, tuyirirmbe ubu mu gihe turiko dukora ivyo.

> Oo, igitangaza, igitangaza, Yesu kuri jewe ni igitangaza,

216 [Mwene Data Demos Shakarian abwiye Mwene Data Branham ati: “MweneData Branham, ndonse inkuru ko Perezida Johnson, atwawe vyihuta mu bitaro kubera indwara y’umutima, kandi kumbure twategerezwa kumusengera hamwe n’igihugu cacu cose.” Umuntu umwe avuze ati: “Reka turindire akanya gatoya.”—Umw.]

> . . . igitangaza, Yesu ni, (Ni vyo.)
> Oo, Umujanama, Umwami w’Amahoro,

217 [MweneData Demos Shakarian asubiriye kuvugisha MweneData Branham ati: “Urambabarira, urambabarira kandi, woshobora kumanuka akanya gatoyi?” MweneData Earl Prickett ariko ararongora ikoraniro mu ndirimbo, *Igitangaza*. Agace atakiriko kuri bande. Ikoraniro ririko riraririmba *Hari Uruzi rw’Ubugingo*. Agace atakiriko kuri bande—Umw.]

Bibiliya Ivuga Iti: “Musengere abaganza.”

218 Data Wa twese Uri mw’Ijuru, hari ico dukeneye vyihuta kubwo uwutwara igihugu cacu, Umukuru w’igihugu cacu.

Ashobora kutazigera amenya ibi, Mwami, Ariko Wewe Urabizi. Ndasengeye Mwene Data Johnson nk'uko yatura ko aKwizeye. Kandi, Data, indwara y'umutima, ku vyo twumvise, ni yo yamufashe. Ndasenze, Mwami, Rokora ubuzima bwiwe. Turi mu—mu bihe bigoye mu gihugu cacu ubu, uko biri kose. Kandi Mpwemu waWe Amumanukeko, Mwami. Ubu nyene, mu bitaro canke aho yoba ari hose, Mpwemu waWe Amanuke mu bitaro Walter Reed Akore ku mubiri wiwe, arokore ubuzima bwiwe. Mwami, urya muntu arahanzwe, ahanzwe na vyinshi tutotahura. Rero turasenze, Mana, nk'abizeye kandi bafise uruhara muri iki gihugu, turasengeye umurongozi wacu, ngo Umwongere ukubaho, muri iki gihe kigoye, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

65-0123 Ibinogo Vyase Imigaga
Icumbi rya Ramada
Phoenix, Arizona Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2026 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

## Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS

P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.

www.branham.org